RUMURIKIRANGABO

TRIMESTRIEL

1.000 FBU





N° 172 JOURNAL DE LA FORCE DE DEFENSE NATIONALE DU BURUNDI Octobre 2025




# Ouverture solennelle de l'année académique à l'ISCAM

P5



## Un nouveau Ministre à la tête du MDNAC

P4



## 30 officiers de l'ECBM ont été certifiés

P9


Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants,Avenue Ngendandumwe

Tél : (257)22 55 22 41 - (257) 22 24 30 54 - Fax : (257) 22 22 41 52 . E- mail : rédactionbcom@gmail.com

Site web : www.fdnb.gov.bi



RUMURIKIRANGABO

TRIMESTRIEL

1.000 FBU





N° 172 IKINYAMAKURU C'INTWARAMIHETO Z'UBURUNDI Gitugutu 2025




# Iyugururwa icese ry'umwaka w'ishure muri kaminuza ISCAM

P5



## Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba buramutswa Umushikiranganji mushasha

P4



## Intwazangabo 30 zarasozereye inyigisho mw'ishure ECBM

P9


Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants,Avenue Ngendandumwe

Tél : (257)22 55 22 41 - (257) 22 24 30 54 - Fax : (257) 22 22 41 52 . E- mail : rédactionbcom@gmail.com

Site web : www.fdnb.gov.bi

# Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, igisirikare c'abanyamwuga babushitse


## Uruganda rw'ikinyamakuru

Uwurongoye Ikinyamakuru

Gén-Bde BARATUZA Gaspard

Uwurongoye Uruganda

Lt-Col GAHONGANO Emmanuel

Icegera c'Uwurongoye Uruganda

Lt-Col BAZIRUTWABO Herman

Umunyamabanga

MAJ NDAYISABA Roger

Icegera c'Umunyamabanga

Capt HABOGORIMANA J.B

Uwuhinyanyura ikinyamakuru

Maj NDUWIMANA Eddy

Abanditsi

Lt-Col NSABIMANA Félix

Lt-col HAKIZIMANA Prosper

Lt-col NDAYIRAGIJE Côme

Maj NININAHAZWE J.M.V

Maj CIZA Anatole

Maj MANIRAKIZA Oscar

Maj NGENZEBUHORO Alice

Maj NZAMBIMANA Norbert

Capt NTAKARUTIMANA Ruth

Capt IRADUKUNDA Juste


Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi (FDNB) ruramaze kwiyubaka mu buryo bw'amategeko nk'uko bitegekanijwe n'ibwirizwa nshingiro ry'Uburundi. Ku wa 27 Ruheshi 2022, harasohowe ibwirizwa ryunganira ibwirizwa nshingiro n°1/21 rihindura ibwirizwa n°1/04 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017, rishinga imirimo y'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, ingene rutunganijwe, abarugize, inyigisho, ingene abari muri urwo rwego bafatwa n'ingene rukora. Iryo bwirizwa ryasohowe na Nyakubahwa Umukuru w'Igihugu c'Uburundi, inyuma yo kwemezwa n'Inama nshingamateka hamwe n'Inama nkenguzamateka.

Iryo bwirizwa rishasha riha uburongozi bw'urwo rwego uburyo bwo guhinyanyura ingene igisirikare gikora, rufatiye ku rugero rw'ibisirikare vyo mu bindi bihugu, cane cane ibigize Umuryango wa Afrika y'ubuseruko (EAC).

Kuva igisirikare c'Uburundi ginshinzwe, cagiye kiragaragaza isura nziza y'igihugu mu makungu. Ivyamwa vyambere vyerekana intambwe ishimishije ico gisirikare kimaze gushikako ni ingene abasirikare biyemeje kunywana mu butandukane bwabo, aho ibiro bikuru bihuriyemwo bose vyitanze bitiziganya muri ico gikorwa kitari coroshe gushika aho hatorwa uburyo bwo kwinjiza abasirikare bose hamwe ata vangura, nka kimwe mu nyishu z'ukuri kandi zirama mu gukemura amatati y'abarundi.

Ico gihe, abenshi mu benegihugu ndetse n'amakungu, bari bafise amakenga ko iyo nteguro y'ukwubaka igisirikare idafashijwe n'amashirahamwe mpuzamakungu itoshoboka. Ariko ivyabaye vyarabatangaje harimwo n'intumwa mpuzamakungu zari zaje gufasha mu bikorwa vy'uguhuza no gusubiza mu buzima busanzwe abahoze kurugamba. Ibiro bikuru bihuriyemwo bose vyarasavye ko hoba iyinjizwa mu rwego rwa gisirikare bakoresheje uburyo bwo guharura umugwanyi n'inkoho yiwe.

Ubwo buryo bwagenze neza cane, gushika n'aho bituma urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ruhurumbirwa n'amakungu mukurungikwamubikorwavyokugarukana amahoro. Amakungu yarashimye cane ibikorwa vyiza n'ukwitanga vyerekanywe n'abasirikare b'Uburundi, na cane cane mu bikorwa vya gisirikare bigoye. Ubutumwa bwinshi bushemagiza ubwitange n'ubutwari bw'abasirikare b'Uburundi bwagiye burashikirizwa abarongoye igisirikare c'Uburundi. Ivyo vyose ni vyo bituma igihugu cacu gisubira kugira isura nziza biciye mu bikorwa vyiza vy'Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, mu gihe hari bamwe biyita ko ari "inzobere" mu vya gisirikare, birirwa barakwiragiza ibinyoma vy'uko igisirikae c'Uburundi gishobora kwisanga mu bibazo vy'amoko, ntibamenye ko vyataye igihe ndetse ataho bigihuriye n'igisirikare ca none, ciyemeje kuba ic'abanyamwuga babushitse.

Twibutse ko abo bose baremeka ibinyoma abagize igisirikare c'Uburundi biciye ku mbuga ngurukanabumenyi, ata na rimwe bazigera babuza intwari z'abasirikare b'Uburundi gukora neza ibikorwa bajejwe bagashika kwihangiro bihaye. Ako kagohe kavuniwe abo bose bavuga nabi urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.

**GEN-BRIG BARATUZA GASPARD**





# La Force de Défense Nationale du Burundi, un corps professionnel


## Equipe de Rédaction

Directeur du Journal

Gén-Bde BARATUZA Gaspard

Rédacteur en chef

Lt-Col GAHONGANO Emmanuel

Rédacteur en chef Adjoint

Lt-Col BAZIRUTWABO Herman

Sécretaire de rédaction

MAJ NDAYISABA Roger

Sécretaire de rédaction adjoint

Capt HABOGORIMANA J.B

Maquettiste

Maj NDUWIMANA Eddy

Rédacteurs

Lt-Col NSABIMANA Félix

Lt-col HAKIZIMANA Prosper

Lt-col NDAYIRAGIJE Côme

Maj NININAHAZWE J.M.V

Maj CIZA Anatole

Maj MANIRAKIZA Oscar

Maj NGENZEBUHORO Alice

Maj NZAMBIMANA Norbert

Capt NTAKARUTIMANA Ruth

Capt IRADUKUNDA Juste


La Force de Défense Nationale du Burundi (FDNB) s'est dotée des instruments juridiques conformément à la Constitution du Burundi. Ainsi, la loi organique n°1/21 du 27 juin 2022 portant modification de la loi organique n°1/04 du 20 février 2017 portant missions, composition, organisation, conditions de service et fonctionnement de la Force de Défense Nationale du Burundi a été promulguée par Son Excellence Monsieur le Président de la République du Burundi après adoption par l'Assemblée Nationale et le Sénat.

Cette nouvelle loi permet au commandement de la FDNB de moderniser le fonctionnement du corps selon le modèle des autres Armées du monde à l'instar de celles de la sous-région, en l'occurrence celles des pays de la Communauté Est Africaine.

Depuis sa création, la Force de Défense Nationale du Burundi a toujours redoré l'image de marque du pays dans le concert des Nations. Les premiers résultats positifs qui mettent en exergue sa maturité est la détermination de ses membres à travers le consensus trouvé par la commission « Etat-major Général Intégré », qui a travaillé jour et nuit avec assiduité, et une formule d'intégration directe a été trouvée en guise de solution définitive et efficace au problème entre les burundais.

L'opinion nationale et internationale doutaient de la réussite de cette intégration opérée sans passer par des consultations et appuis étrangers. A la surprise de tout le monde y compris la communauté internationale qui était sur place au Burundi pour faciliter le travail d'intégration et de la démobilisation, l'Etat-major Intégré a proposé une intégration directe par la formule de pondération arme – combattant. Cet exemple d'intégration réussie sans formule classique a valu la confiance de la communauté internationale qu'elle a placé au Burundi par sa participation dans les missions de maintien de la paix. La communauté internationale n'a pas été déçue, elle a été plutôt enthousiaste par les bonnes prestations des militaires burundais dans les missions parfois très difficiles où les troupes du Contingent burundais ont été les premières à trouver la solution aux questions très compliquées. Des messages de félicitation à la suite de la bravoure de nos militaires sur le théâtre des opérations n'ont cessé de parvenir aux autorités militaires burundais.

Tout cela redore l'image de marque de notre pays à travers les bonnes prestations de la FDNB, au moment où des aventuriers qui se font des spécialistes dans le domaine de la défense perdent leur temps à démontrer absurdement comme quoi des membres de l'armée burundaise pourraient tomber dans leurs pièges tendus à l'instar d'immixtion dans des clivages ethniques, ignorant que cette histoire est trop vieille et trop dépassée vis-à-vis de la FDNB loyale et professionnelle.

Il est à rappeler que tous ceux qui véhiculent des messages grotesques contre les membres de la FDNB à travers des réseaux sociaux n'empêcheront jamais nos vaillants militaires bien formés d'arriver à leur but. C'est un clin d'œil fait aux détracteurs actuels qui font tout pour souiller l'image de l'armée burundaise.

**GÉN- BDE GASPARD BARATUZA**

# Umushikiranganji Mushasha w'Ukwivuna Abansi n'Ukwitaho Abahoze ku Rugamba ni inde ?

*Umupfasoni Marie Chantal Nijimbere ni we Mushikiranganji Mushasha w'Ukwivuna Abansi n'Ukwitaho Abahoze ku Rugamba kuva agenywe kw'igenekerezo rya 5 Myandagaro 2025. Yavutse kw'igenekerezo rya 6 Ruhuhuma umwaka w'1983 muri Kamine Cankuzo, intara ya Buhumuza. Arubatse akaba afise abana batatu.*

**Amashure yize hamwe n'ibindi bikorwa nkarishabwenge,**

Yize amashure mato mato kw'ishure ritoya ryo muri karitiye y'indwi mu Ngagara kuva mu mwaka w'1988 gushika mu mwaka w'1995. Kuva mu mwaka w'1996 gushika mu mwaka w'1999, yari kw'ishure ry'isumbuye Lycée Municipal Ngagara aho yize igice c'ambere c'amashure yisumbuye. Yaciye aja kubandaniriza kuri Lycée Notre Dame de la Joie yo mu Ruyigi aho yiza mu gisata c'ubuhinga (Scientifique) kuva mu mwaka w'2000 gushika mu mwaka w'2003. Mu mwaka w'2004, yaciye yinjira muri Kaminuza y'Uburundi mu gisata c'ubutunzi n'intwaro, aca ahitamwo kunonosora ivyo gutegura imigambi y'ubutunzi (Economie Politique) araheza asohokana umutsindo (licence) mu mwaka w'2009. Kuva mu mwaka w'2015 gushika mu mwaka w'2017 naho, yariko yiga muri kaminuza Mount Kenya University ari naho yaronkeye imyamyabushobozi ikomeye (Master) mu vy'ubutunzi n'intwaro.

Hambavu y'amashure, umuhari w'abascout nawone waratereyereye mu bwenge na kamere vyiwe. Kuva akiri umwana, yarakoze birashimwa mu mihari y'urwaruka na cane cane mu muhari w'abascout, akaba ariho yatanguriye kumenyera kurongora abandi. Ashikiriza ubwiwe ko ubuzi yagiye arakora hamwe no kuba mu mashirahamwe adaharanira inyungu za poritike vyamushizemwo biranakomeza muri we agatima ko kuba umurongozi (leadership). Yongerako ko kumenyera akazi mu bijanye no gutunganiriza abakozi (gestion humaine) mu mashirahamwe atandukanye bimufasha n'ubu mu gutunganya akazi ka misi yose.

**Amabanga yagiye ararangura**

Mu mwaka w'2009 niho yatangura akazi mu mashirahamwe adaharanira inyungu za poritike aho yashinzwe amabanga atandukanye.



*Azananye ishaka ryo gukorera Igihugu*

Yahavuye yinjira muri Reta nk'umushikiranganji kuva kw'igenekerezo rya 20 Ruheshi umwaka w'2020. Yatanguye kuba Umushikiranganji w'Ukumenyesha Amakuru n'Ibimenyeshamakuru kugeza kw'igenekerezo rya 18 Munyonyo 2021 aho yagenywe kuba Umushikiranganji w'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahingurira n'ingenzi kugeza ashinze amabanga yo kuba Umushikiranganji w'Ukwivuna Abansi n'Ukwitaha Abahoze ku Rugamba, kw'igenekerezo rya 5 Myandagaro 2025.

**Intumbere y'urufatiro**

Intumbero afatirako haba mu vy'akazi canke mu bindi izanana ahanini mu bascout, abo nabo bakaba bafise intumbero z'urufatiro zitatu arizo gukorera Imana, gukorera mugenzawe, no kutiyibagira na we. Icuvugo c'abascout coco kikaba kivuga giti « Twame twiteguriye gukora » Muri make, ubuntu buranga abascout hamwe n'ubuntu asanganywe wenyene nivyo bimufasha kubana no gukorana neza n'abandi, akamenya gutunganya umwanya wiwe neza no gukora neza nkuko avyivugira.

**Inkino n'ukwinezereza**

Inyuma y'akazi, Umushikiranganji Marie Chantal Nijimbere aca yigira muvy'inkino no kwinonora imitsi akongera agakwirikira amakuru ya poritike n'imibano y'ibihugu ku rwengo mpuzamakungu. Inkino akunda kurusha izindi ni basketball, tennis n'ukwoga.

Ibindi bimunezereza ni akanya amarana n'umuryango wiwe hamwe no gutembera mu turere dutandukanye ari kumwe n'umuryango wiwe. Arakunda no kuja gukwirikirana imigambi ariko ararangura canke iyo umuryango uriko urarangura. Umwumvirije, ni umuntu yiteguye gukorera igihugu n'umuti wose, ubwenge bwose n'inguvu zose haba ubu canke muri kazoza.

***LT-COL PROSPER HAKIZIMANA***





# Qui est le nouveau Ministre de la Défense Nationale et des Anciens Combattants ?

*Madame Marie Chantal Nijimbere est le nouveau Ministre de la Défense Nationale et des Anciens Combattants (MDNAC) depuis sa nomination le 05 août 2025. Née le 6 février 1983 en commune Cankuzo, province Buhumuza. Elle est mariée et mère de trois enfants.*

**Curcus scolaire, para scolaire et académique**

Madame Marie Chantal a fréquenté l'Ecole Primaire du Quartier 7 à Ngagara de 1988 à 1995. De 1996 à 1999, elle était au Lycée Municipal Ngagara pour le cycle inférieur du secondaire. Elle a fait le cycle supérieur, section scientifique, au Lycée Notre Dame de la Joie à Ruyigi de 2000 à 2003. En 2004, elle entre à l'Université du Burundi, faculté des sciences économiques et administratives, option Economie Politique et elle en sort en 2009 avec une licence. De 2015 à 2017, elle a suivi une formation de Master en Business et Administration, Option Finance et Comptabilité à Mount Kenya University.

En plus de l'école, le scoutisme a aussi façonné sa personnalité. Depuis son enfance, elle devient une fervente activiste dans les mouvements des jeunes surtout scouts et guides, ce qui l'a propulsée au rang de leader dès sa petite enfance. Selon elle, ses activités professionnelles et son engagement dans la société civile ont cultivé et amplifié son leadership. Elle ajoute que l'expérience en gestion humaine au sein de la société civile lui sert aujourd'hui dans l'organisation de ses activités quotidiennes.

**Parcours professionnel**

En 2009, elle embrasse son parcours professionnel au sein de la société civile où elle a occupé différents postes de responsabilités.



*Déterminée à servir la Patrie*

Elle est Membre du Gouvernement de la République du Burundi depuis le 28 juin 2020. D'abord au poste de Ministre de la Communication, des Technologies de l'Information et des Médias jusqu'au 18 Novembre 2021 quand elle est nommée au poste de Ministre du Commerce, du Transport, de l'Industrie et du Tourisme, un poste qu'elle occupera jusqu'au 5 août 2025, date de sa nomination au poste de MDNAC.

**Principes**

Ses principes et devises s'inspirent du scoutisme qui est fondé sur trois principes de base dont le Devoir envers Dieu, le Devoir envers autrui et le devoir envers soi-même, tandis que la devise scoute est « Toujours prêt à servir ». En bref, les valeurs du scoutisme, fusionnées avec les siennes, l'aident à naviguer en harmonie avec autrui, à maîtriser l'art du timing et d'agir avec efficacité, selon ses propres mots.

**Jeux et Loisirs**

En dehors du travail, le Ministre Marie Chantal Nijimbere se tourne vers le sport et le tour de la géopolitique mondiale à travers la Télévision. Ses jeux préférés sont le basketball, le tennis et la natation. Quant aux autres loisirs, elle adore les moments autour de sa famille et le tourisme en famille en plus des activités de suivi et évaluation de ses projets personnels et familiaux. Dans sa vision, elle demeure résolue à contribuer au mieux de ses capacités au service de la patrie.

**LT-COL PROSPER HAKIZIMANA**

# Ubushikiranganji bw'ukwivuna abansi n'ukwitaho abahoze ku rugamba buramutswa Umushikiranganji mushasha

*Umushikiranganji mushasha w'Ukwivuna Abansi n'Ukwitaho Abahoze ku Rugamba, umupfasoni Nijimbere Marie Chantal yatanguye amabanga mashasha kw'igenekerezo rya 6 Myandagaro aho yasubiriye Umushingamateka Mutabazi Alain Tribert. Ibisikanya ya bereye mu nyubakwa nshasha yakaka kuko yaheruka gusubirwamwo no kwagurwa.*

Igihe hagenwa abashikiranganji bashasha kw'igenekerezo rya 5 Myandagaro 2025, Umukuru w'igihugu akaba na Kizigeza mu nzero z'ukwivuna abansi n'iz'umutekano yashize icizero ku mupfasoni Marie Chantal Nijimbere kugira arongore Ubushikiranganji bw'Ukwivuna Abansi n'Ukwitaho Abahoze ku Rugamba.

Muri iyo Reta nshasha igizwe n'abashikiranganji icumi na batatu harimwo abapfasoni bane, igenwa ry'umupfasoni Marie Chantal Nijimbere kugira arongore ubwo bushirangani biboneka kuri benshi nka ntibagiranwa. Abaye umupfasoni wambere arongoye ubushikiranganji ahanini bujejwe gutunganya no gushira mu ngiro imigambi ijanye n'ukwivuna abansi, gukingira imbibe z'igihugu, gukingira abanegihugu n'ivyabo hamwe no gushimangira ubushobozi bw'Urwego rw'Ukwivuna Abansi rw'Uburundi. Niwe kandi abaye uwambere agenywe muri ayo mabanga yari asanzwe ari umushikiranganji kuko wewe yari amaze kurongora ubundi bushikiranganji bubiri. Kuva kw'igenekerezo rya 28 Ruheshi 2020 gushika ku ry'18 Munyonyo 2021 yari arongoye Ubushikiranganji bujejwe kumenyesha amakuru n'ibimenyeshamakuru. Yaciye agenwa kurongora ubushikiranganji bw'ubudandaji, ugutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi. Uwo mupfasoni afise impanywa bushobozi ya kaminuza (licence) mu bijanye n'imigambi y'ubutunzi yaronse muri kaminuza y'Uburundi hamwe n'impamyabushobozi nkuru (Master) mu vy'ubutunzi n'intwaro yaronkeye kuri Mount Kenya University, akaba ari incabwenge



= Umushikiranganji mushasha wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze Ku rugamba yiyemeje gukorana ishaka

imenyereye amabanga makuru makuru.

**Mu nyubakwa yakaka**

Ibiro vy'Umushikiranganji w'Ukwivuna Abansi n'Ukwitaho Abahoze ku Rugambi ubu biri mu nyubakwa yakaka inyuma yo gusubirwamwo no kwagurwa. Umushikiranganji mushasha rero azokorera ahantu haberanye n'ico cubahiro afise. Ibiro vya kera vyari bitoya cane kandi vyari bishaje nk'uko vyashikirijwe na Lieutenant-Colonel Injeniyeri Nkunzubumwe Nicolas yari arongoye ibikorwa vyo gusubiramwo iyo nyubakwa. Igihe yashikirizwa impfunguruzo kw'igenekerezo rya 15 Mukakaro 2025, Umushikiranganji yahahora, Umushingamateka Alain Tribert Mutabazi yamenyeshejeko iyo nyubakwa izotuma abayikoreramwo bakora neza borohewe kandi ko bizoha ishusho nziza igihugu.



Ukorera heza ugakora neza

Igihe haba ibisikanywa mu bushikiranganji, Umushikiranganji Marie Chantal Nijimbere yariyemeje kubandanya no kwongereza ibikorwa bijanye no kwubaka no gusubiramwo inyubakwa zishaje atibagiye ibindi bikorwa yasigiwe n'uwo yasubiriye. Yariyemeje ko azokorana ishaka ridasanzwe kugira igisata c'ukwivuna abansi gitere imbere bimwe biboneka. Yarakeje kandi Umushingamateka Mutabazi kuko ngo yavuyeze mu bwiza aja mu bundi mu kwitorerwa n'abanegihugu bo mu ntara ya Butanyerera aca amwifuriza kuroranirwa mu mabanga mashasha yo guserukira abenegihugu mu nama nshingamateka.

**LT-COL. PROSPER HAKIZIMANA**





# Un nouveau Ministre à la tête du MDNAC

*Le nouveau Ministre de la Défense Nationale et des Anciens Combattants, Madame Marie Chantal Nijimbere a pris ses fonctions le 06 août 2025 en remplacement de l'Honorable Alain Tribert Mutabazi, La remise et reprise a eu lieu dans les enceintes du MDNAC bâtiment avec un nouveau look après sa rénovation et extension.*

Dans le cadre de la nomination des membres du Gouvernement le 05 août 2025, le Président de la République du Burundi et Commandant en Chef des Corps de Défense et de Sécurité a placé sa confiance en la personne de Madame Marie Chantale Nijimbere pour diriger le Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants (MDNAC).

Dans ce gouvernement de treize membres dont quatre femmes, la nomination de Marie Chantal Nijimbere à la tête du MDNAC est perçue comme historique. Elle devient la première femme à diriger le ministère dont la principale mission est de concevoir et d'exécuter la politique de defense nationale, de défendre l'intégrité du territoire national, de protéger la population et ses biens, et de renforcer les capacités opérationnelles de la Force de Defense Nationale du Burundi (FDNB). Elle devient aussi la première à la tête du MDNAC en provenance d'un autre portefeuille ministériel car elle en avait déjà occupé deux. Du 28 juin 2020 au 18 novembre 2021, elle était Ministre de la Communication et des Médias avant d'être nommée Ministre du Commerce, du Transport, de l'Industrie et du Tourisme. Titulaire d'une licence en Economie Politique obtenue à l'Université du Burundi et d'un Master en Business et Administration, Option Finance et Comptabilité à Mount Kenya University, elle est perçue comme une personnalité qui apporte un important



La nouvelle MDNAC s'engage à travailler avec assiduité

bagage intellectuel et une vaste expérience à la tête du MDNAC.



Un lieu descent permettra à ses locataires de bien servir

**Dans un bâtiment rénové**

Le cabinet du MDNAC est désormais logé dans un beau bâtiment après sa rénovation et extension. Le nouveau Ministre travaillera dans un cabinet ministériel digne de ce nom. Lors de la remise des clés le 15 juillet 2025, l'ancien MDNAC, l'Honorable Alain Tribert Mutabazi, a déclaré que le nouveau bâtiment permettra à ses locataires de bien servir dans un lieu décent et que cela donnera une bonne image du pays.

Lors de la remise et reprise entre le Ministre entrant et sortant, le Ministre Marie Chantal Nijimbere s'est engagé à continuer à renforcer l'élan de construction et de rénovation des infrastructures tout en poursuivant les autres dossiers lui remis par son prédécesseur. Elle a promis qu'elle travaillera avec assiduité pour prendre des initiatives qui amélioreront le secteur de la défense. Elle a salué la sortie honorable de l'Honorable Alain Tribert Mutabazi élu dans la circonscription de Butanyerera et lui a souhaité plein succès dans sa nouvelle mission de représenter le peuple à la Chambre Basse du Parlement.

**LT-COL PROSPER HAKIZIMANA**

# Iyugururwa icese ry'umwaka w'ishure muri ISCAM

*Bitewe iteka n'umukuru w'igihugu c'Uburundi Evariste Ndayishimiye, kaminuza y'intwazangabo Iscam yaratunganije ibirori vyo kwugurura icese umwaka w'ishure wa 2024-2025 kw'igenekerezo rya 6 nyakanga 2025 mu kigo c'iyo kaminuza. Umukuru w'igihugu akaba yatumiriye intwazangabo kwiyumvira ikintu gishasha aho zishitse hose cofasha mw'iterambere ry'igihugu kugira babere abandi akarorero.*

Uko umwaka utashe,Ishure kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto Iscam,iratunganya urubanza rwo kwugurura icese umwaka w'ishure.Urwo rubanza rudasanzwe rukaba rusozera indwi yahariwe kurangwa n'inyifato iyitandukanya n'abandi na cane cane ikarangwa no kwiyumvira kure,ikabona ingaruka z'igikorwa igira ikore,ikarangwa n'ububangutsi hamwe n'ubukerebutsi ikongera igafata ingingo kandi



Intwazangabo zihamagarirwa kugira ubushakashatsi n'ubuhinga bigezweho

ubushakashatsi, imicokama hamwe n'inkino muri iyo kaminiza.

Mu birori vyo kwugurura icese umwaka w'ishure kaminuza wa 2024-2025 wari uhuriranye n'imyaka 50 iyo kaminuza imaze, impapuro zigaragaza icubahiro zarashikirijwe intwazangabo zakukurutse zigize umurwi wa 11. Harashikirijwe kandi impapuro z'umutsindo hamwe n'impapuro zirangiza inyigisho ku ntwazangabo zigize umugwi wa 49 aho zaciye zishikiriza n'indahiro imbere y'Umukuru w'igihugu. Harabaye n'ukwakirwa icese mu gisirikare ku mikangara igize umurwi wa 54 hamwe n'uguhana umugumya hagati y'umurwi wa 50 n'umurwi wa 51w'imikangara yiga muri kaminuza Iscam.

Mw'ijambo ry'uwo musi,Umukuru w'igihugu c'Uburundi, General Major Evariste Ndayishimiye, yari yateye iteka ivyo birori vyo kwugurura umwaka w'ishure kaminuza Iscam,yamenyesheje ko ibirori nkivyo ari akaryo keza ko kurimbura ivyaranguwe mu mwaka urangiye. Yarashimangiye kandi ko ibirori vy'uwu mwaka bidasanzwe kuko bihuriranye n'imyaka 50 kaminuza Iscam buca yuzuza mu kwezi kwa munyonyo.Yashikirije ko n'imbere yaho ingabo zifise ubutwari zamyeho hamwe n'intwazangabo zatorwa hisunzwe ubutwari bwazo.

Yaciye asigura ko intwazangabo itegerezwa ishobora no gusigura.

Kizigenza mu ntwaramiheto no mubajejwe umutekano yahamagariye intwazangabo na cane cane abarangije mu murwi wa 49 bari bahejeje gushikiriza indahiro imbere y'Umukuru




Kaminuza y'Intwazangabo ISCAM itanga ubumenyi butandukanye.

w'igihugu,kwiyumvira ikintu gishasha kugira aho barungitswe gukorerea hose baze babe imboneza mw'iterambere ry'igihugu.

Mwijambo yashikirije,uwurongoye urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, General Prime Niyongabo,nawe nyene yarashimangiye ku ruhara ntasubirizwa kaminuza y'intwazangabo Iscam ifise mu kwigisha intwazangabo zirongora abandi ku ntambwe ya mbere.Yashimikiye ahanini ku ruhara rw'intwazangabo ibushitse,amenyesha ko itegerezwa kwitwararika kwigisha abo ijejwe mu kubamenyereza no mukubategura neza kugira bitegurire ibikorwa vyo gukingira igihugu kubabera akarorero no kubaremesha mu gihe umutekano uba wahungabanye.

Mw'ijambo ry'ikaze, colonel Gérard Hamenyimana arongoye ishure kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto,yabanje kwibutsa abaraho ko iyo kaminuza ifise ihangiro ryo kwigisha abitegurira kuba intwazangabo,ikaba ibaha ubumenyi bwa gisirikare n'ubundi bumenyi muri rusangi bubatuma bazokorana umwete n'ubwira amabanga ahambaye bazobatuma.

Uwurongoye ishure kaminuza y'intwazangabo mu ntwaramiheto,yamenyesheje ko hambavu y'ubumenyi baronswa bagasohoka bashoboye kurongora ipeloto, imikangara yiteguriria kuba intwazangabo mu gisata cigisha ivy'ubuhinga hamwe no mugisata cigisha ibijanye n'ubutunzi, ziraronswa urupuro rw'umutsindo rwo kurugero rwa Baccalauréat. Yamenyesheje ko bategekanya gutanga inyigisho zo kurugero rwa master. Ishure kaminuza y'intwazangabo Iscam ikaba yiteguriye gutanguza ikindi gisata kijanye n'ivyubunonotsi.

Yamenyesheje kandi ko iyo bibaye nkenerwa,imikangara yitegurira kuba intwazangabo irarungikwa kwiga mu yandi makaminuza mubisata bindi bitari mw'ishure kaminuza Iscam.

**CAPT HABOGORIMANA J-B**





# Ouverture solennelle de l'année académique à l'ISCAM

*Sous le haut patronage de S.E le Président de la République du Burundi, le Général Major Evariste Ndayishimiye, l'Iscam a procédé à l'ouverture de l'année académique édition 2024-2025 le 6 août 2025. Le Chef de l'Etat recommande les officiers militaires d'être créatifs et innovants pour servir de modèle dans le développement du pays.*

Il est de coutume que chaque année, l'Institut Supérieur des Cadres Militaires (Iscam), procède à l'ouverture solennelle de l'année académique. Ce grand événement marque la clôture de la semaine scientifique, culturelle et sportive organisée par cet Institut.



Les officiers sont recommandés d'être créatifs et innovants

Dans les cérémonies d'ouverture qui coïncidaient avec 50ans d'existence de l'Iscam, des certificats d'honneur ont été décernés aux officiers retraités de la 11e promotion. Il y a eu également la remise de diplômes, brevets et prestation de serment, aux lauréats de la 49e promotion. La 54e promotion a été incorporée définitivement tandis que la 50e promotion ainée a passé le témoin à la 51e.

Dans son allocution, le Général Major Evariste Ndayishimiye, Président de la République du Burundi, qui avait honoré de sa présence les cérémonies marquant l'ouverture, a indiqué que cet événement est une occasion d'évaluer les réalisations de l'année précédente. Et de souligner que la présente cérémonie est spéciale du moment qu'elle coïncide avec 50ans d'existence de cet Institut et que même avant cette période, le Burundi disposait de vaillants guerriers et de meneurs d'hommes qui étaient choisis pour leur bravoure.

Ainsi de révéler en outre qu'un officier militaire doit se distinguer des autres par ses qualités d'anticiper à un fait, d'analyser l'impact de toute action envisagée, d'agir avec rapidité ainsi que l'aptitude à prendre de décision, laquelle il doit pouvoir expliquer au cas échéant.

Le Commandant en chef des corps de défense et de sécurité a recommandé aux officiers militaires particulièrement les nouveaux lauréats de la 49e promotion qui venaient de prêter serment, d'être créatifs et innovants pour servir de modèle dans le développement du pays partout où ils seront mutés.




L'ISCAM développe des compétences militaires et académiques

Le Chef de la Force de Défense Nationale du Burundi (FDNB), le Général Prime Niyongabo a quant à lui mentionné le rôle fondamental que joue l'Iscam dans la formation des officiers meneurs d'hommes au premier rang. Il a notamment mis l'accent sur le rôle d'un officier digne de son nom, qui selon lui, doit se dévouer à l'encadrement et l'entraînement réguliers de sa troupe, se consacrer à la préparation minutieuse de cette dernière aux actions de défense pour la protection de la Nation. Il va aussi éclairer et inspirer confiance à sa troupe pendant les opérations.

Lors de son mot liminaire, le Colonel Gérard Hamenyimana, Commandant de l'Iscam, a rappelé la mission de l'Iscam qui est celle de former les futurs officiers de la FDNB. Il a mentionné que l'Iscam vise à inculquer aux candidats officiers les valeurs telles que la discipline, l'intégrité, l'équité, le patriotisme et le respect des droits humains, tout en développant leurs compétences militaires et académiques.

Le Commandant de l'Iscam a précisé qu'en plus des compétences militaires où le candidat sort étant chef de peloton, les candidats officiers suivent la formation académique dans la faculté des sciences de l'ingénieur et dans la faculté des sciences économiques et de gestion. Les candidats officiers reçoivent un diplôme de niveau Baccalauréat mais l'Iscam envisage délivrer des diplômes de niveau master. Cet Institut se prépare également à créer la faculté d'éducation physique et des sports dans l'avenir.

Il a aussi ajouté qu'en cas de nécessité, les candidats officiers sont envoyés dans d'autres universités pour des facultés qui ne sont pas à l'Iscam.

**CAPT J-B HABOGORIMANA**

# Abajejwe gutohoza ivyaha bashasha mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi

*Abarangije inyigisho 14 bagize umugwi wa 4 w'intwazangabo n'ibisongerezi vy'intwazangabo bakurikiranye inyigisho mu bijanye n'ugutohoza ivyaha, bararonkejwe impapuro zirangiza inyigisho mu bijanye n'amategeko hamwe n'ubuhinga bwo gutohoza ivyaha. Ibirori vyo gutanga izo mpapuro bikaba vyari vyatewe iteka n'icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Ubuvrundi, Lieutenant-General Habimana Jean Paul.*

Ikigo c'ubuhinga cigisha ibijanye n'ubutungane (CFPJ), gifadikanije na sentare nkuru ya gisirikare, baratunganije kuva kw'igenekerezo rya 3 nzero gushika kurya



Impapuro zirangiza inyigisho zarashikirijwe abasozereye inyigisho

4 mukakaro 2025, inyigisho zanditse hamwe nizo gushira mu ngiro ku ntwazangabo mu gisirikare ivyerekeye gutohoza ivyaha, ivyo vyigwa vyabereye mu kigo c'inyigisho n'uguhimiriza kiri ca gisirikare. Ibirori vyo gusozera izo nyigisho bikaba vyaranzwe no gushikiriza impapuro zirangiza inyigisho kuri 14 barangije inyigisho bagizwe n'intwazangabo 5 hamwe n'ibisongerezi vy'intwazangabo 9.

Mw'ijambo ry'uwo musi, icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Lieutenant-General Habimana Jean Paul, yabanje gushimira ubushikiranganji bw'ubutungane bubicishije ku kigo c'ubuhinga cigisha ibijanye n'ubutungane (CFPJ), bwafashije mugutangaabigishabafiseubuhingabukwiye bakaza gutanga izo nyigisho:«Kubwo ubumenyi baronse,turizeye ko atampamvu nimwe yo gupfunga inzirakarengane canke hakidegemvya uwakoze ivyaha» nkuko yabimenyesheje

Icegera c'umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi yarongeye aratekerera impanuro abarangije inyigisho: « Hambavu y'inyigisho mwaronkeye mw'ishure hamwe n'imyimenyerezo mwakoze mu bijanye n'amategeko, mwararonkejwe kandi inyigisho zizobafasha kwakira no gutunganiriza neza abantu bazobitura.Mwararonkejwe kandi inyigisho zizobafasha gukora mwisunze akarangamutima k'umwuga kugira ngo mushobore kwigira kure ico cose coshobora gutosekaza ishusho y'urzego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi muri rusangi,na cane cane iyo ubutungane bwa gisirikare, mukaba muhamagarirwe rero kuba icitegererezo mu nyifato yanyu.»

Kubw'uwurongoye Ikigo c'ubuhinga cigisha ibijanye n'ubutungane (CFPJ), Ruberintwari Fulgence, yarashimye k'umwumvikano no gukorana neza biranga abatwara inzego z'ubutungane hamwe n'abagize amasentare y'ubutungane bwa gisirikare mugufashanya gutunganya amadosiye amwamwe. Ntiyibagiye no gushima ukugene ico kigo CFPJ gikorana neza n'amasentare ya gisirikare munteguro no mw'ishirwa mu ngiro z'inyigisho.

Ku bijanye n'umwimbu ushimishije abarangije inyigisho berekanye,yarabakeje kukugene bitanze batiziganya mugutonda ku mwanya kandi : «Kubera ukwitanga mwarangije n'umwimbu mwiza cane. Ni mwiyumvire namwe,ku bakurikiranye inyigisho icumi na bane, cumi muribo bamenye n'amanota arenga mirongo indwi kw'ijana,abandi bane bamenya kuyarenga mirongo itandatu kw'ijana. ». Mw'ijambo ryiwe ry'ikaze,colonel Hakorimana Désiré,arongoye sentare nkuru ya gisirikare,yamenyesheje ko izo nyigisho zashimikiye kuronsa umumenyi abazikurikiranye, mubijanye n'amategeko muri rusangi na cane cane ubuhinga bwo gutohoza ivyaha.Yamenyesheje ko hambavu y'ivyigwa bitangirwa mw'ishure,abakurikiranye izo nyigisho baragize imyimenyerezo yamaze indwi zine aho baronse akaryo ko kumenyerana na bakuru babo bakongera bagashira mungiro ku rubuga ivyigwa babonye mw'ishure.

Yaciye amenyesha ko umwimbu wabaye ijana kw'ijana inyuma yo gukora ikibazo canyuma co gusuzuma ubumenyi baronse bakanategura igitabo c'umwimenyerezo bagize.

Ivyo birori bikaba vyari vyitabwe n'abategetsi



Abarangije inyigisho barakejwe ku mwimbu ushimishije berekanye

batari bake bo mu ndongozi z'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi,abo mugipolisi hamwe n'abaserukiye ubushikiranganji bw'ubutungane n'ikigo CFPJ.

**CAPT HABOGORIMANA J-B**





# De nouveaux OPJM à la FDNB

*Quatorze lauréats de la 4e promotion des Officiers de Police Judiciaire Militaire (OPJM) ont reçu des certificats après six mois de formation sur la notion de droit et des techniques d'enquête judiciaire. Les cérémonies y relatives ont eu lieu le 4 juillet 2025 aux enceintes du centre de formation  et de sensibilisation basé au camp Muha et ont été rehaussées par la présence du Chef adjoint de la Force de Défense Nationale du Burundi, le Lieutenant-Général Jean Paul Habimana.*

En collaboration avec le Centre de Formation professionnelle de la Justice (CFPJ), la cour militaire a organisé une formation théorique et



*La formation a été sanctionnée par la remise des certificats*

pratique des Officiers de Police Judiciaire Militaire du 3 janvier au 4 juillet 2025 au Centre de Formation et de Sensibilisation basé à Muha. La clôture de ladite formation a été sanctionnée par la remise des certificats à quatorze lauréats composés de cinq officiers et neuf sous-officiers.

Dans son discours de circonstance, le Chef adjoint de la FDNB, le Lieutenant-Général Jean Paul Habimana a de prime abord exprimé sa gratitude envers le ministère de la Justice qui, à travers le CFPJ, a rendu disponible des formateurs compétents et expérimentés durant la formation. Ainsi de souligner son importance en ces termes:« Avec les acquis de cette formation, nous espérons qu'il n'y aura pas possibilité d'emprisonner des innocents ou de libérer des coupables » a-t-il dit.

Le Chef adjoint de la FDNB, a également prodigué des conseils aux nouveaux OPJM: « A côté de la formation théorique et pratique en Droit, vous avez suivi des matières qui vous permettront d'accueillir et de traiter humainement des personnes qui se confieront à vous. Vous avez également suivi des cours qui vous permettront de vous comporter avec dignité et probité en vous mettant à l'écart des phénomènes qui peuvent nuire à la réputation du corps de la FDNB en général et de la justice militaire en particulier, (…). Vous êtes donc appelés à être exemplaires dans votre comportement».

Quant au Directeur du Centre de Formation Professionnelle de la Justice, Fulgence Ruberintwari, il a salué la franche collaboration qui caractérise les chefs des juridictions civiles et des juridictions militaires dans la gestion de certains dossiers ainsi que la collaboration entre le CFPJ et les juridictions militaires dans la planification et l'exécution des formations. Mettant l'accent sur la performance affichée par les lauréats, il les a félicités pour avoir suivi cette formation avec intérêt, régularité et assiduité.

Dans son mot liminaire, le Colonel Désiré Hakorimana, Auditeur général près la cour militaire, a fait savoir que cette formation a permis aux lauréats d'être initiés aux notions de Droit en général et sur les techniques d'enquête judiciaire en particulier. Il a annoncé qu'à côté des modules théoriques développés, les lauréats OPJM ont effectué un stage de quatre semaines et se sont familiarisés avec le travail sur le terrain.

Le taux de réussite est de cent pour cent  après un examen final évaluant leur compétence et un rapport de stage préparé par ces derniers, a ajouté l'auditeur général.

Ces cérémonies avaient vu la



*Les nouveaux OPJM ont été félicité pour  leur brillante réussite*

participation de plusieurs hauts cadres de la FDNB et de la PNB ainsi que différents cadres du Ministère de la Justice et du CFPJ.

**CAPT J-B HABOGORIMANA**

# Imikangara yararonkejwe impapuro z'umutsindo kw'ishure ry'igisirikare ryigisha imyuga

*Ishure ry'igisirikare ryigisha imyuga(EMM) mu mpfunyapfunyo y'igifaransa riri ku Muzinda ryaratanze impapuro z'umutsindo n'impapuro zirangiza inyigisho ku basirikare barangije inyigisho kw'ishure ryigisha imyuga kuwa 17 mukakaro 2025. Iyo mikangara yahamagariwe gukoresha ubumenyi yaronkejwe muguteza imbere Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi.*

Kuva mu 1990, ishure rya gisirikare ryigisha imyuga (EMM) ryo ku Muzinda, ariyo ETSO ryico gihe ryigisha c'uwurongoye igisata kijejwe ibikoresho mu biro bikuru vy'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, yari yateye iteka ivyo birori yamenyesheje



*Impapuro z'imitsindo 741 nizo zimaze gutangwa n'ishure rya gisikare ry'imyuga E.M.M kuva ryuguruye imiryango.*

abasirikare bavuye mumakambi atandukanye. Iryo shure ritanga ivyigwa babonera mw'ishure n'ivyo bigishiriza ku rubuga mu myuga itandukanye mu ntumbero yo gutegura abahinga urwego rw'ukwivuna abansi rukeneye mu kurangura neza imirimo yarwo. Muri urwo rukurikirane, ibisongerezi 59 vyo mugisirikare n'igipolisi, birangije inyigisho mu kigo cigisha imyuga vyararonkejwe impapuro z'umutsindo kuwa 17 Mukakaro 2025 inyuma y'imyaka itatu y'inyigisho.

Murico gihe nyene, abasirikare n'abapolisi batobato 86 barangije inyigisho mu kigo cigisha imyuga bararonkejwe impapuro zirangiza inyigisho inyuma y'amezi icenda bariko barakurikirana izo nyigisho.

Mw'ijambo ryiwe, Colonel Damiyano Niyongabo, icegera ko abasirikare baronswa impapuro z'umutsindo mu bisata bitandukanye kuri iryo shure bakora ibikorwa bihambaye mu makambi yose baba barungitswemwo.

Kabaye n'akaryo keza kuriwe ko gukeza no gutera intege iyo mikangara kuba barangije inyigisho bafise umwimbu ushimishije cane. Yaboneyeho kubibutsa ko bategerezwa gufata neza ibikoresho bazohabwa, kuba akarorero aho bazoba bari n'ugukoresha neza ubumenyi baronse muguteza imbere igihugu muri rusangi na cane cane inzego z'ukwivuna abansi n'umutekano

Uwurongoye ishure rya EMM, Lieutenant-Colonel Muzinga Olivier, yamenyesheje ko iryo shure ritangirwamwo ivyigwa bigabuye mu mice ibiri : ikigo cigisha imyuga ku bisongerezi vy'intwazangabo n'ikigo cigisha imyuga categuriwe abasirikare batobato. Ico kigo cambere gifise ibisata bine : igisata cigisha ibijanye n'umuyagankuba wo mazu n'ibikoresho, icigisha ibijanye n'inyubako rusangi, icigisha ivyo gukora imiduga hamwe n'icigisha ibijanye n'ubuhinga bwa none n'ugutamatumanako. Kuri iki kigo kigira kabiri, kigabuye mumashami atanu ariyo : igisata cigisha ibijanye n'amatara yo mu buraro, gukora amazi, kubaza, abafasha babakora imiduga hamwe nigisata cigisha ivyo kwubaka. Yaramenyesheje ko abarangije inyigisho mu kigo cigisha imyuga ibisongerezi vy'intwazangabo baronswa impapuro z'umutsindo mugihe abarangije mu kigo cigisha imyuga categuriwe abasirikare batobato baronswa impapuro zirangiza inyigisho.

Uwurongoye ishure ry'igisirikare ry'igisha imyuga yaribukije ko kuva kuwa 28 Ndamukiza 2017, uburongozi bw'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi bwahaye uruhusha igipolisi c'Uburundi ngo kirungike imikangara yaco ngo yige ivyigwa vyigishwa mu bisata bitandukanye kuriryo shure.

Iryo shure ryashizweho kuva kw'igenekerezo rya 2 ruhuhma 1990 ryitwa ETSO, rikaba ryarahindutse kuva kw'igenekerezo rya 21 munyonyo 2016 ryitwa Ikigo cigisha imyuga co ku Muzinda kw'itegeko ry'umushikiranganji nomero 570/2108/2111 ryemerera iryo shure gutanga ivyigwa nk'ayandi mashure yemewe n'amategeko.

**CAPT HABOGORIMANA J-B**





# Des lauréats diplômés de l'Ecole Militaire des Métiers

*L'Ecole Militaire des Métiers(EMM) de Muzinda a procédé à la remise des diplômes et des certificats aux lauréats du Centre de Formation Professionnelle et d'enseignement des Métiers le 17 juillet 2025. Ces lauréats sont appelés à mettre au profit de la Force de Défense Nationale du Burundi les connaissances acquises.*

Depuis 1990, l'Ecole Militaire des Métiers (EMM) de Muzinda, ETSO de l'époque, forme des militaires issus des



*741 diplômes ont été délivrés par l'EMM depuis sa création*

différentes unités. Elle dispense des cours théoriques et pratiques dans les différents métiers dans le but de préparer des techniciens dont le corps de défense a besoin pour accomplir convenablement ses missions. Dans cette continuité, 59 sous-officiers et brigadiers de police, lauréats du Centre de Formation Professionnelle ont été diplômés en date du 17/7/2025 après trois ans de formation.

A cette même occasion, 86 militaires de rang et agents de police, lauréats du Centre d' Enseignement des Métiers ont reçu des certificats après neuf mois d'apprentissage.

Dans son allocution, le colonel Damien Niyongabo qui avait représenté le commandement de la FDNB, a indiqué que les militaires diplômés dans les différentes sections de cette école jouent un rôle crucial partout dans les unités où ils sont affectés.

Il a profité de cette occasion pour féliciter et encourager les nouveaux lauréats pour avoir terminé la formation avec une brillante réussite. Ainsi de les exhorter à prendre soins des équipements qui seront mis à leur disposition, d'être un modèle dans leur entourage et de rentabiliser les connaissances acquises pour le développement du pays en général et celui des corps de défense et de sécurité en particulier.

Le commandant de l'EMM, le Lieutenant-Colonel Olivier Muzinga, a fait savoir que ladite école dispense un enseignement réparti en deux catégories: Le Centre de Formation Professionnelle (CFP) pour les Sous-Officiers et le Centre d'Enseignement des Métiers (CEM) destiné aux militaires de rang. La première dispose de quatre sections à savoir l'électricité d'équipements, bâtiment et travaux public, la Mécanique automobile ainsi que la Technologie d'information et de communication. Quant à la deuxième catégorie, elle est subdivisée en cinq branches qui sont l'électricité domestique, la Plomberie, la Menuiserie, l'Aide-mécanique et la Maçonnerie. Il a aussi indiqué que les lauréats du CFP reçoivent des diplômes professionnels spécialisés tandis que ceux qui terminent le CEM obtiennent des certificats d'apprentissage.

Le commandant de l'EMM a mentionné que depuis le 28 avril 2017, le commandement de la FDNB a autorisé la Police Nationale du Burundi à envoyer des candidats pour bénéficier d'une formation dispensée dans les différents métiers enseignés à cette école.

Depuis le 21 novembre 2016, cette école qui avait été créée le 2 février 1990 sous l'appellation d'ETSO (Ecole Technique des Sous–Officiers) est devenue le Centre Militaire d'Enseignement des Métiers et de la Formation professionnelle de Muzinda par l'ordonnance Ministérielle nº 570/2108/2111 portant agrément de ce centre au programme harmonisé.

**CAPT J-B HABOGORIMANA**

# Inyigisho mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ni karahara mu ruganda ntibacura

*Mu gihe hari haramutswe hasozerwa umwimenyerezo wa gisirikare w'intwazangabo wo ku rwego rwa birigade bita "Command Post Exercise",abarongoye urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi baciye bugurura icese umwaka w'inyigisho 2025-2026.Vyabereye mu Kayanza mu ntara ya Butanyerera kw'igenekerezo rya 10 mukakaro 2025.*

Inyigisho zama ari umwitwarariko ku barongoye urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi kugira ngo abarugize bashobore kuba abanyamwuga babushitse. Ni muri iyo ntumbero abarongoye Urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi batunganya buri mwaka umunsi wahariwe kwugurura umwanya w'inyigisho muri urwo Rwego. Uno mwaka, ibirori vy'uwo munsi vyabereye mu Kayanza,mu ntara ya Butanyerera, muri Diviziyo ya gatatu ya gisirikare,bikaba vyatewe iteka n'uwurongoye Urwego FDNB,Général Niyongabo Prime. Yabanje kugendera imigwi itandukanye iserukira amadiviziyo ya gisirikare muri uwo mwimenyerezo, aho kabaye akaryo keza ku ntwazangabo zari muri uwo mwimenyerezo ko kwerekana ingene bashobora gutegura ingwano cane cane mu gutegura amategeko baha abo barongoye ajanye n'ukuja ku rugamba. Intwazangabo nk'indongozi z'abandi zitegerezwa kumenya iruhande yo gutegura ayo mategeko ajanye no kurungika ingabo ku rugamba ,ingene ziheza zikayashikiriza abo zirongoye. Ninaco gituma hariho abahagarikizi b'uwo mwimenyerezo ico bita "Jury" igenzura ko izo ntwazangabo ivyo zikora mu mwimenyerezo ko vyisunze urutonde ,baraheza bakanabakebura kuvyakozwe ukutariko kugira izo ntwazangabo ziri mu mwimenyerezo zizovyisunge mu nteguro zindi muri kazoza.



Kumenya gutegura neza amategeko y'intambara ahabwa abatwarwa ni ngombwa ku ntwazangabo

Mw'ijambo ryiwe ry'uwo munsi ryo kwugurura umwaka w'inyigisho mu Rwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi 2025-2026, umukuru w'urwo rwego yaragarutse ku ruhara rw'inyigisho n'imyimenyerezo muri urwo rwego. Yamenyesheje ko ibiro bikuru vy'urwego rw'Ukwivuna abansi rw'uburundi vyama uko umwaka utanguye birungikira imice yose, ibigo hamwe n'amakambi afise imirimo yisangije , intumbero nshasha z'abarongoye urwego rw'Ukwivuna abansi rw'Uburundi kubijanye n'ingene botegura abasirikare barongoye mu bijanye n'intambara. Général Niyongabo Prime yamenyesheje ko urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ,rubishiramwo inguvu nyinshi cane kuko ariyo nzira yonyene ishobora gutuma abasirikare b'Uburundi bigenza mu bihe vyose nk'abanyamwuga babushitse. Imbere y'ukurangiza ijambo ryiwe,yaboneyeho akaryo ko gutekerera impanuro intwazangabo ziri ku nzego zitandukanye z'ukurongora abandi ko zokwama na ntaryo zibera akarorero abo zirongoye ahantu hose n'igihe cose. Yabatumiriye kuba indongozi nziza kuko abasirikare bobo bama biteguye gukora icarico cose bisunze amategeko bahawe n'ababarongoye.Yarongeye ati:"Iyo intwazangabo ziteguye nabi intambara iyo ari yo yose no kuyirwana bigenda nabi bikavamwo gutsindwa".



Intwanzangabo zitegerezwa kumenya gufata ingingo mu bihe vyose

Uwo mwaka w'inyigisho utanguzwa mu kwezi kwa mukakaro ,usozerwa igihe cose n'ihiganwa rya gisirikare kugira habe gusuzuma abasirikare bo mu mice itandukanye hamwe n'amakambi adasanzwe afise imirimo yisangije,urugero rw'inyigisho bashitseko mu kiringo c'umwaka baba bamaze mu nyigisho n'imyimenyerezo.

Uwo mwimenyerezo w'ugutegura intambara ku rwego rwa birigade utunganywa buri mwaka n'abarongoye umuce w'abasirikare barwanira hasi aho witabwa n'intwazangabo zishobora kurangurira imirimo mu biro bikuru vy'amabirigade hamwe n'amadiviziyo.

***MAJ JMV NININAHAZWE***





# L'instruction à la FDNB, une préoccupation quotidienne

*A l'occasion de la clôture d'un exercice d'illustration appelé Command Post Exercise (CPX) organisé au niveau Brigade, le haut commandement de la FDNB a procédé à l'ouverture solennelle de l'année d'instruction 2025-2026 à Kayanza en province de Butanyerera, en date du 10 juillet 2025.*

L'instruction reste toujours une préoccupation du haut commandement de la FDNB pour renforcer son professionnalisme. C'est dans cette optique que le haut commandement de la FDNB organise chaque année une journée consacrée à l'ouverture de l'année d'instruction au sein de ce corps. Pour cette année, les cérémonies y relatives se sont déroulées en province de Butanyerera à Kayanza, dans la 3ème division d'infanterie et ont été rehaussées par la présence du Chef de la FDNB, le Général Prime Niyongabo. Il a d'abord effectué des visites dans les différents groupes représentant les divisions militaires au sein de l'exercice, c'était le bon moment pour les officiers ayant participé dans cet exercice de faire des présentations d'un ordre d'opération. Les officiers en tant que meneurs d'hommes doivent non seulement connaitre comment rédiger un ordre d'opération mais aussi comment le transmettre à leurs subalternes. C'est la raison pour laquelle ils sont soumis à un jury qui doit veiller à ce que tout le canevas soit respecté et y apporter des commentaires éventuels pouvant servir aux officiers participants de faire des améliorations dans l'avenir.



Rédiger un ordre d'opération et savoir le transmettre aux subalternes est une obligation aux officiers

Dans son discours de circonstance marquant l'ouverture de l'année d'instruction à la FDNB édition 2025-2026, le Chef de la FDNB est revenu sur l'importance de l'entrainement et l'instruction au sein du corps. Il a indiqué que l'Etat-major général de la FDNB émet chaque année des directives d'instruction et d'entrainement à l'endroit des différentes composantes et unités spécialisées dans le but de bien entrainer les militaires au combat sous leurs responsabilités. Le Général Prime Niyongabo a ajouté que la FDNB y attache beaucoup d'efforts car c'est le seul moyen pouvant permettre aux militaires burundais d'agir dans n'importe quelle situation comme des professionnels. Avant de terminer son discours, il a prodigué des conseils aux officiers se trouvant aux différents niveaux de commandement de servir de modèle en tout temps et en tout lieu. Il les a invités à être de vrais meneurs d'hommes car les militaires sont toujours prêts à exécuter les ordres donnés par leurs chefs. « Si les officiers font une mauvaise planification d'une opération quelconque même son exécution est vouée à l'échec », a-t-il martelé.

L'année d'instruction qui est ouverte au mois de juillet sera clôturée chaque fois par un championnat militaire afin d'évaluer les militaires des différentes composantes et unités spécialisées le niveau atteint pendant toute l'année dans l'instruction et l'entraînement.



Les officiers doivent savoir agir dans n'importe quelle situation

Cet exercice de planification opérationnelle au niveau Brigade est organisé chaque année par le Commandement de la Force Terrestre et voit la participation des officiers pouvant exercer des fonctions au sein des Etats-Majors brigades et divisions.

***MAJ. JMV NININAHAZWE***

# Intwazangabo 30 zarasozereye inyigisho mw'ishure ECBM

*Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi General Prime Niyongabo, yaratanze impapuro zirangiza inyigisho ku ntwazangabo 30 zari zihejeje ivyirwa mw'ishure ritegura intwazangabo kubijanye no gutwara ibatayo hamwe no gutunganya ivyerekeye ingabo(ECBEM). Ibirori bikaba vyabereye mu nyubakwa z'iryo shure risanzwe riri mu Kinanira kw'igenekerezo rya 8 Myandagaro 2025.*

Mu ntumbero yo kubandanya bagira igisirikare c'abanyamwuga babushitse, urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rurutanganya inyigisho ku basirikare bose bagize urwo rwego basanzwe bari mukazi. Ni no muri iyo ntumbero ishure ritegura intwazangabo kubijanye no gutwara ibatayo hamwe no gutunganya ivyerekeye ingabo(ECBEM) ryari ryatunganije kuwa 8 myandagaro 2025, ibirori vyo gutanga impapuro zirangiza inyigisho ku murwi ugira 13 mu rukurikirane rw'intwazangabo zo kuri iryo shure.

Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi General Prime Niyongabo, ari nawe yari yateye iteka ivyo birori yamenyeshejeko ashimishwa n'ukwitanga kw'abagize igisata c'inyigisho mu biro bikuru vy'urwego arongoye. Yarongeye ashikirizako inyigisho zitangwa zifise akamaro kadasanzwe kuko ziha ubumenyi bukwiye intwazangabo kugira bashobora kurangura neza imirimo urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi rubatuma. Ku rundi ruhande, izo nyigisho ziha akaryo intwazangabo ko gushobora gukurikirana ibindi vyirwa vyo ku rwego rwo hejuru, ivyo vyirwa vyose bikabandanya bibategurira gushobora guhangana n'ibibazo vyose



Ubumenyi bukwiye butuma ushobora gukorera n'ahakomeye

vy'umutekano aho boba bari hose haba mu gihugu ndetse no mu makungu. Umukuru w'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi



Kwongerereza ubushobozi intwazangabo bituma zikora neza

yasozereye akeza intwazangabo zari zihejeje ivyirwa, abashimira k'ubutwari n'ubukerebutsi vyabaranze igihe cose c'inyigisho. Yabasavye kubandanya bafatana munda, bubahiriza amategeko barangwa kandi n'umutima wo gukunda igihugu mukurangura amabanga mashasha bagiye kuzezwa kugira ngo urwego rw'ukwivuna abansi ruronke akunguko kuri izo nyigisho.

Ku ruhande rw'uwurongoye ishure ritegura intwazangabo ku bijanye no gutwara ibatayo hamwe no gutunganya ivyerekeye ingabo(ECBEM), colonel Gilbert Nkurunziza amenyeshako intumbero y'iryo shure ari gutegura abarongora abasirikare babushitse, bafise ubumenyi bukwiye. "Intwazangabo ihejeje iri shure, igenda ifise ubumenyi bukwiye bwo gushobora gukora ibikorwa vya gisikare mubihe bitoroshe, bagatora inyishu nziza kandi vyihuse haba mu gihugu no mumakungu" nk'uko yabimenyesheje. Yahamagariye abarangije inyigisho, kubandandanya bakora batiziganya, berekana neza ubumenyi baronkejwe, babandanye kandi basoma ibitabo kugira ntibibagire ivyo bigishijwe.

Muri ivyo birori, haratanzwe ubushimwe ku banyeshure batatu bambere bitanze gusumba abandi.

Iryo shure rikaba ryatanguye mu mwaka w'2019 risubiriye irindi shure ryari rifise urutonde rw'ivyirwa mu rurimi rw'igifaransa, rikaba rimaze gusohora imirwi 13 gushika muri kino gihe.

**CAPT RUTH NTAKARUTIMANA**





# 30 officiers de l'ECBM ont été certifiés

*Le Chef de la Force de Défense Nationale du Burundi, le Général Prime Niyongabo a procédé à la remise des certificats à une trentaine d'officiers qui terminent la formation à l'Ecole de Commandement Bataillon et d'Etat-major (ECBEM). Les cérémonies marquant la clôture de la formation se sont déroulées dans les enceintes de ladite Ecole sise à Kinanira en date du 08 août 2025.*

La FDNB organise des formations en cours d'emploi pour les officiers selon les différents niveaux de commandement.



Des connaissances suffisantes afin de travailler dans un environnement hostile

C'est dans cet optique que l'Ecole de Commandement Bataillon et d'Etat-major (ECBEM) a organisé le 08 août 2025, les cérémonies de remise des certificats aux officiers de la 13e promotion qui venaient de terminer environs six mois de formation.

Le Chef de la FDNB, le Général Prime Niyongabo qui a rehaussée de sa présence les cérémonies a, dans son discours, indiqué qu'il apprécie les efforts investis par le service chargé de la formation à l'Etat-major général de la FDNB. Il a ajouté que la formation dispensée est d'une importance capitale car d'un côté, elle donne aux officiers de ce niveau, des connaissances essentielles permettant à ces derniers d'assumer des responsabilités selon les missions de la Force de Défense Nationale du Burundi. De l'autre côté, elle donne accès à des opportunités de formation continue qui visent à doter les officiers des compétences nécessaires pour faire face aux défis sécuritaires quel que soit



Renforcer les compétences des officiers pour mieux servir

l'environnement opérationnel dans lequel ils seront amenés à travailler. Le Chef de la FDNB a félicité les officiers ayant terminé la formation pour le pas déjà franchi dans la carrière militaire, et surtout pour leur esprit de cohésion, de patriotisme et de loyauté dont ils ont fait preuve pendant la période de formation.

Quant au Commandant de l'Ecole de Commandement Bataillon et d'Etat-Major, le Colonel Gilbert Nkurunziza a indiqué que l'objectif premier est de former des bons meneurs d'hommes avec un leadership éclairé. « Les officiers qui terminent cette école sont équipés de connaissances suffisantes afin de travailler dans un environnement opérationnel hostile et de trouver une solution juste et rapide aux problèmes éventuels au pays et à l'étranger», a-t-il indiqué. Quant aux officiers ayant terminé la formation, le Commandant de l'ECBEM leur a conseillé de travailler assidument et de se servir utilement des livres qui leur ont été fournis au risque de ne pas oublier tout ce qu'ils ont appris.

Des prix ont été décernés aux trois premiers lauréats qui se sont distingués au cours de la formation.

**CAPT RUTH NTAKARUTIMANA**

# Intumwa z'urwego EASF, zirashimishwa n'urugendo zagize mu Burundi

*Intumwa z'urwego rw'ingabo zihagarariye akarere k'ubuseruko bw'Afirika (EASF mu mvunyapfunyo y'icongereza),zaragize urugendo rw'imisi itatu mu Burundi kuva kw'igenekerezo rya mbere myandagaro 2025. Izo ntumwa zaraganiriye n'impunzi z'abakongomani zo mw'ikambi y'impunzi y'i Musenyi mu ntara ya Burunga. Urwo rugendo rwari rufise intumbero yo kuraba ingaruka zaturutse kungwano yo muri Repubulika iharanira Demokarasi ya Congo mu bihugu bibanyi biri mu rwego rwa EASF.*

Urwego rw'ingabo zihagarariye umutekano mu karere ka Afirika y'ubuseruko, rurarajwe ishinga n'ingaruka ziturutse kw'ihungabanywa ry'umutekano mu gihugu ca Repuburika iharanira Demokarasi ya Congo ku bihugu bibanyi vy'ico gihugu. Ni muri iyo ntumbero intumwa z'urwego rwa EASEF zatunganije urugendo mu Burundi kuva kw'igenekerezo rya 1 gushika kurya 3 myandagaro 2025 kugira barabe ingaruka zaturutse kuri iyo ngwano yo muri Repubulika iharanira Demokarasi ya Congo mu bihugu bibanyi biri mu rwego rwa EASF. Ivyo bihugu bigizwe cane cane n'Uburundi, Urwanda hamwe n'Ubuganda. Muri ico kiringo bahamaze, izo ntumwa zaraganiriye n'abategetsi batandukanye barongoye amashirahamwe afasha impunzi.



*Urwego rwa EASF rurarajwe ishinga n'ingaruka z'intambara ibera muri Repubirika iharanira intwaro rusangi ya congo mu karere k'ubuseruko.*

General Osman Nour Soubagleh,yari arongoye izo ntumwa yamenyesheje ko ashima cane uko izo ntumwa zakiriwe hamwe nukugene zashigikiwe mukurangura neza ico gikorwa : « Ivyiyumviro hamwe n'umutima wo gufasha akarere mwerekana, biradutera ingoga mu butumwa dusangiye nk'abanyafrica ».Yaciye amenyesha ko igikorwa c'izo ntumwa ari ukuganira n'abasanzwe bafasha mu kugarukira ku mpunzi batandukanye hamwe no kumenya uko ubuzima impunzi zibayemwo bwifashe kugira bagire icegeranyo kizomurikira urwego rw'ingabo za EASF mu nteguro.

Yarongeye arashimangira mukwerekana uruhara ntangare uburundi bwagize mu kwakira no gucumbikira impunzi zirenga ibihumbi cumi z'abakongomani kandi bukongera bukanafasha no mubindi vya nkenerwa, haba muvy'uburaro, mukubaronsa ivya nkenerwa vyose, mu gufasha muvyo umutekano n'ibindi. Kubwiwe,ivyo biragaragaza umutima w'urukundo hamwe n'ikimenyetso kitabesha cerekana ko Uburundi bwiyemeje gushigikira umugambi w'amahoro mu karere.

Kubwa general de brigade Kabisa Domitien,arongoye igisata kiraba ibijanye no kugarukana amahoro m'urwego rw'ingabo za EASF, Uburundi bwaragize uruhara rudasanzwe muvy'uburongozi, mukugwanya intambara igihugu ca Congo kiriko kiracamwo. «Kuronsa uburaro impunzi z'abakongomani zirenga ibihumbi cumi na bitandatu hamwe n'abandi bakibandanya bashika bafise umwiheburo udasanzwe, si ubufasha busanzwe ariko ni ikimenyetso co kwitangira africa kigaragarira mu bimenyetso.»

Inyuma y'ibiyago izo ntumwa zagiranye n'abarongoye amashirahamwe atandukanye afasha impunzi n'abasanzwe bafasha mu bijanye n'ibiza,izo ntumwa zaciye zishikira mw'ikambi y'impunzi z'abakongomani iri ku musozi wa Musenyi mu ntara ya Burunga kugira birabire uko izo munzi zibayeho.

Iyo kambi y'impunzi yubatswe kuburinganire bungana n'ama hegitari mirongo itandatu, ikaba yakiriye impunzi zishika 17574 zabateshejwe izabo mu gihugu ca Repuburika iharanira Demokarasi ya Congo mu ntambara ico gihugu kigize imisi kiriko kiracamwo.

**CAPT HABOGORIMANA J-B**





# La délégation de la Force EASF, satisfait de sa mission au Burundi

*Une délégation de la Force en attente de l'Afrique de l'Est ( EASF en sigle), a effectué depuis le 1er août 2025 une visite de trois jours au Burundi. Elle s'est entrenue avec les réfugiés congolais du camp des réfugiés de Musenyi en province de Burunga. Le but visé était d'évaluer l'impact de la crise de la RDC au sein des pays membres de l'EASF.*

La Force en attente de l'Afrique de l'Est est toujours préoccupée par la dégradation de la situation sécuritaire au sein des pays membres. C'est dans ce cadre qu'une délégation de l'EASF a effectué une visite de travail de trois jours au Burundi du 1er au 3 août 2025, dans le but d'évaluer l'impact de la crise de la République Démocratique du Congo au sein des pays voisins membres de l'EASF. C'est notamment le cas du Burundi, du Rwanda et de l'Uganda. Au cours de son séjour, ladite délégation s'est entretenue avec les différents partenaires qui interviennent en faveur des réfugiés sur tous les échelons.



*L'EASF est préoccupé par l'impact de la crise en RDC dans la sous-région*

Le Général Osman Nour Soubagleh, chef de la délégation a exprimé sa satisfaction quant à l'accueil et la collaboration qui ont été réservé à la délégation : « vos opinions et votre esprit de solidarité régionale réaffirment les valeurs qui nous désignent comme partenaires africains ». Il a en outre précisé que la mission de cette délégation est de s'entretenir avec les partenaires variés agissant en faveur des refugiés et aussi de s'enquérir de la situation réelle sur le terrain dans les camps de réfugiés pour contribuer à la vision stratégique de l'EASF.

Il a également souligné la contribution du Burundi dans l'hébergement et la prise en charge des dizaines de milliers des réfugiés congolais, au niveau des infrastructures, des services sociaux, des actions humanitaires, des opérations sécuritaires et bien d'autres. Cela démontre pour lui un esprit de générosité et un véritable témoignage d'engagement au soutien de la paix dans la région.

Quant au Général de Brigade Domitien Kabisa, Chef du département des opérations de paix au sein de l'EASF, le Burundi a particulièrement démontré son leadership exceptionnel dans la lutte contre la crise que traverse la RDC. « L'hébergement de plus de seize mille réfugiés congolais et d'autres qui continuent à arriver étant dans des conditions vulnérables n'est pas seulement un acte humanitaire, plutôt une démonstration d'une compassion panafricaine et de responsabilité morale », a-t-il souligné

Après des entretiens menés avec les responsables des organisations et les partenaires œuvrant dans le domaine de l'assistance aux réfugiés, la délégation s'est rendue au camp de Musenyi en province de Burunga pour s'enquérir des conditions de vie dans lesquelles vivent des réfugiés congolais.

Bâti sur une superficie de 60 hectares, ce camp de Musenyi abrite pour le moment 17 574 mille réfugiés victimes de la crise que traverse la République Démocratique du Congo.

**CAPT J-B HABOGORIMANA**

## Ingabo z'Uburundi mu rwego rwa Minusca zisabwa kugendera inkingi z'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi

*Uwurongoye kontenja y'10 y'Uburundi ikorera mu rwego rwa Minusca, Koroneri Manirakiza Theobard yaragendeye ibirindiro bigize iyo kontenja kuva kw'igenekerezo rya 27 myandagaro gushika ku rya 03 nyakanga 2025 kugira aganire n'abasirikare. Intumbero y'izo ngendo kwari kwibutsa abasirikare arongoye gukorana umwete mu kurangura neza ubutumwa bwa Minusca.*

Kontenja y'10 y'Uburundi ikorera mu rwego rwa Minusca yagiye mu gihugu ca




*Abasirikare b'abarundi bakorera urwego MINUSCA mu gihugu ca Centrafrika basabwa gukurikiza inkingi z'akarangamutima ka FDNB.*

Centrafrika mu kwezi kwa gatanu 2025. Kuva kw'igenekerezo rya 27 myandagaro 2025, uwurongoye kontenja y'i 10 y'Uburundi mu rwego rwa Minusca, Koroneri Manirakiza Theobard yaragendeye abasirikare bakorera ku birindiro vyose bigize iyo kontenja kugira abibutse ibintu ngenderwako mu butumwa barimwo. Yaciye abasaba kwama bagendera inkingi zitanu z'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu ntumbero yo kurangura neza ubutumwa bwa Minusca. Izo nkingi akaba ari indero ya gisirikare, ugufatana mu nda, ugukunda igihugu, ukubahiriza amategeko hamwe no gukoresha ubumenyi, ubuhinga n'amategeko vy'umwuga wa gisirikare. Yaciye abibutsa kandi ko gukingira abenegihugu ba Centrafrika n'ivyabo hamwe no gufasha Leta kugira ishireho inzego bitegerezwa kuba umwitwarariko mu bikorwa vya minsi yose. Ar'ico gituma, yaciye ahamagarira abarongoye ibirindiro kwama bakora ibikorwa vyo gukizura mw'ijoro no ku mutaga mu ntumbero yo gukingira abenegihugu n'ivyabo. Yaciye abasaba kandi gusubiramwo gutunganya neza ibirindiro bariko mu ntumbero yo




*Ugukingira abenegihugu n'ivyabo niyo nkingi y'ubutumwa ku basoda b'abarundi bakorera mu rwego MINUSCA*

kubikingira neza.

Koroneri Manirakiza Theobard yaribukije kandi abasirikare arongoye aho bakorera hose kwama na ntaryo babungabunga ibikoresho vya Kontenja mu ntumbero yo kurangura neza ubutumwa bajejwe.

Nk'uko igihugu ca Centrafrika kiriko kiritegurira amatora y'umukuru w'igihugu, ay'abashingamateka n'abajenama b'amakomine mu mpera z'ukwezi kwa kigarama 2025, urwego Minusca rusabwa kuyacungera nkuko biri mu butumwa bwayo ico bita manda. Mur'ico kiyago, rero uwurongoye kontenja y'10 y'Uburundi mu rwego rwa Minusca, koroneri Manirakiza Theobard yategetse abarongoye ibirindiro gukorana n'abajejwe intwaro n'imirwi ijejwe amatora mu karere bakoreramwo mu kuraba ibiro vy'amatora ingene bingana hamwe n'integuro y'ingene bazoyacungera.

Kontenja y'Uburundi ikorera mu rwego rwa Minusca ikaba ikorera mu karere ko hagati ka Minusca, ifise icicaro gikuru i Sibut mu ntara ya Kemo. Ikaba ifise ibirindiro bine ar'ivyo Bangui, Damara, Dekoa na Grimari.

**MAJ NGEZAHAYO SERGE**





## Les casques bleus burundais appelés à respecter les valeurs de la FDNB

*Le Commandant du10e Contingent burundais de la Minusca, le Colonel Théobard Manirakiza a effectué des visites du 27 août au 03 septembre 2025 dans les détachements dudit Contingent pour animer des causeries morales. Le but était de rappeler aux casques bleus burundais des directives à suivre pour bien exécuter le mandat de la Mission.*

Le 10e Contingent burundais de la Minusca a été déployé au mois de mai 2025 en République Centrafricaine. En dates




*Les casques bleus burundais sont recommandés d'observer les valeurs de la FDNB*

du 27 août au 03 septembre 2025, le Commandant du 10e Contingent burundais de la Minusca, le Colonel Théobard Manirakiza a animé des causeries morales dans les détachements dudit Contingent pour leur rappeler les directives à suivre. Il a alors recommandé aux militaires d'observer scrupuleusement les cinq valeurs de la FDNB pour bien exécuter le mandat de la mission. Ces valeurs sont la Discipline, la Cohésion, le Patriotisme, la Loyauté et le Professionnalisme, rappelle-t-il. Il a ajouté que la protection de la population et l'appui à l'extension de l'autorité de l'Etat doivent être au cœur des activités de tous les jours. Pour cela, Il a également recommandé aux commandants des détachements d'effectuer des patrouilles régulières et d'actualiser les plans de défense de leurs détachements.

Le Colonel Théobard Manirakiza a interpellé les casques bleus burundais partout où ils prestent de prendre soin et faire toujours l'entretien du matériel dont dispose le Contingent afin d'exécuter sans faille la mission qui leur est assignée.

Comme la République Centrafricaine se prépare aux élections présidentielles, législatives et communales au mois de décembre 2025, la Minusca est appelée à les sécuriser comme le stipule le mandat. Lors de cette causerie morale, le commandant du 10e Contingent burundais de la Minusca, a recommandé aux commandants des différents détachements de travailler en étroite collaboration avec l'administration et les commissions électorales dans leurs secteurs de responsabilités afin d'inventorier le nombre de bureaux de vote ainsi que le plan




*Les militaires doivent savoir que la protection de la population et ses bien est leur mission première*

de sécurisation de ces élections.

Le Contingent burundais de la Minusca est déployé dans le secteur centre avec son poste de commandement basé à Sibut dans la préfecture de Kemo. Il

# Ikontenja y'abasirikare b'abarundi bari muri AUSSOM barashitsa ivyo biyemeje

*Ikontenja ya 15 y'abasirikare b'abarundi bari muri AUSSOM ntiyadohotse kw'ibanga ryo kurangura neza ubutumwa bwayo, naho nyene umurwi w'iterabwoba Al-Shabaab n'abo bafatanije babandanya ibikorwa vy'iterabwoba mu banyagihugu ba Somaliya. Uwurongoye abasirikare b'abarundi bari muri Somaliya, Koloneli Oscar Hatungimana, aramenyesha ko biri uko aruko ivyashitsweko mu gice ca gatatu c'umwaka wa 2025 ,bishimishije.*

Mugushira mungiro ubutumwa bw'ishirahamwe ry'Ubumwe bwa Afrika muri Somaliya (AUSSOM), Ikontenja



Ukwitanga kw'abarundi bari mu butumwa bw'amahoro muri somaliya kwatumye ibikorwa vy'abafasha bigenda neza i jowhar

y'abasirikare b'abarundi bari muri AUSSOM bararanguye neza inshingano zabo mu kiringo c'igice ca gatatu c'umwaka wa 2025, haba mu bikorwa vyo gucungera umutekano hamwe no gushika ku banyagihugu bafise ingorane.

Kubijanye n'umutekano, Koroneri Oscar Hatungimana amenyesha ko abasirikare b'abarundi bafadikanije n'abajejwe umutekano ba Somaliya bagwije ibikorwa vyo gukomeza umutekano.

Ivyo bikorwa vy'umutekano vyarafashije gukinga iterabwoba rya Al Shabaab mu bibanza bihambaye hamwe n'abanyagihugu mu karere ka Shabelle yo hagati.

Hakoreshejwe igisata c'indege, Ikontenja y'abarundi yarafashije mu bikorwa vyo gutuza Al Shababu mu karere ka mbere ka AUSSOM, ahitwa i Bariire. Yongeyeko ati: "Ku busabe bwa Perezida wa Leta ya Hirshabelle, Ali Abdullahi Hussein Gudlawe, abasirikare b'abarundi barasubiriye kubirindiro vyabo vyo muri Jowhar, umurwa mukuru wa Leta ya Hirshabelle". Ugusubira kur'ivyo birindiro kw'abasirikare b'abarundi kwatumye amashirahamwe mpuzamakungu asubira gukora ibikorwa vyo gutabara mur'ako karere.

Muntumbero yo gukomeza moral , ibikorwa vyo kugendera abasirikare vyarakozwe muturere twa Mahaday na Balcad. Ikontenja y'abasirikare b'abarundi yaragendewe ku rwego rwo hejuru, aha twovuga Ambasaderi El Hadji Ibrahima Diène, intumwa idasanzwe umunyamabanga mukuru w'umuryango w'ubumwe bwa Afurika muri Somaliya akaba ari nawe arongoye AUSSOM, ndetse n'abategetsi benshi b'inzego z'umutekano za Somaliya.

Mugisata kijejwe imigenderanire hagati y'abanyagihugu hamwe n'abasirikare bo rwego AUSSOM, Ikonteja y'abarundi yarafashije abanyagihugu ba Somaliya mu kubaha amazi yo kunywa, ibifungurwa, kubavura hamwe no kubaronsa imiti. Abasirikare b'abarundi bakaba baragize uruhara mu bikorwa vyo gutabara abashikiwe n'ivyago vy'umwuzure mu turere twa Zawaadley na Mahaday, mugutanga ibikoresho vyo kwubaka impome zo kwikingira imyuzurire. Ikontinja y'abarundi kandi yaragize uruhara mu gukangurira abavyeyi akamaro ko kwigisha abana babo mu turere dutandukanye two muri Jowhar. Ivyo bikorwa vyakozwe kandi hatibagiwe ivyo kubungabunga umutekano no kurwanya iterabwoba rya Al Shabab.

Mwomenya ko ivyo bikorwa vyaranguwe vyarashimwe cane n'abategetsi ba AUSSOM hamwe n'abarongoye intara ya Hirshabelle. Bose barashimishijwe n'ibikorwa vyakozwe n'abasirikare b'abarundi.

**MAJ NSABIMANA FÉLIX**





# Le Contingent burundais de l'AUSSOM s'affirme face à son engagement

*Le Contingent burundais de l'AUSSOM ne ménage aucun effort pour accomplir sa mission convenablement bien que les groupes terroristes Al-Shabaab et leurs affiliés continuent de semer la peur au sein de la population Somalienne. Le commandant dudit Contingent, le Colonel Hatungimana Oscar indique que le bilan des réalisations du 3e trimestre est satisfaisant.*

Dans le cadre de la mise en œuvre du mandat de la mission de soutien et de stabilisation de l'Union africaine en



Des visites des autorités somaliennes témoignent une bonne collaboration

Somalie AUSSOM en sigle, le contingent burundais a accompli sa mission avec succès durant le 3e trimestre tant au niveau sécuritaire qu'humanitaire.

Sur le plan sécuritaire, le Colonel Oscar Hatungimana a indiqué que le Contingent burundais a multiplié des patrouilles conjointes avec les forces de sécurités somaliennes. Ces patrouilles ont permis de protéger les points stratégiques et la population de la région de Middle Shabelle face aux terroristes Al Shabaab. A travers son unité d'aviation, le Contingent burundais a appuyé dans les opérations du premier secteur dans la région de Bariire. Il a également ajouté que sur demande du Président de l'Etat de Hirshabelle, Ali Abdullahi Hussein Gudlawe, le Contingent burundais, a réoccupé les positions de Jowhar, la Capitale de l'Etat de Hirshabelle. Cette réoccupation a permis aux organisations internationales à reprendre leurs activités humanitaires.

Dans le but de rehausser le moral de la troupe, des descentes ont été effectuées par le commandement du Contingent dans les districts de Mahaday et Balcad. Le Contingent burundais a reçu egalement des visites de haut niveau notamment, l'ambassadeur El Hadji Ibrahima Diène, le Représentant Spécial du Président de la Commission de l'Union Africaine en Somalie et chef de mission AUSSOM ainsi que plusieurs dirigeants des forces de sécurités somalienne.

Afin de renforcer la coopération civilo-militaire (CIMIC), le contingent burundais de l'AUSSOM a apporté de l'aide à la population somalienne par la distribution de l'eau potable et des vivres ainsi que l'assistance médicale. Le contingent burundais a également intervenu lors des inondations dans les districts de Xawaadley et Mahaday tout en apportant du matériel pour construire des digues de protection. Le contingent a participé également dans la sensibilisation des parents sur le bienfondé de la scolarisation de leurs enfants dans différents villages et quartiers de Jowhar. Ces actions ont été menées en parallèle de leurs missions de maintien de la paix et de lutte contre le terrorisme.

Toutes ces actions ont été bien appréciées que ce soient par les autorités de l'AUSSOM ainsi que celles de l'administration locale. Ces autorités se réjouissent du travail accompli par le contingent burundais.

**LT-COL NSABIMANA FELIX**

# Kwitwararika ukubaho neza kw'abamugariye ku rugamba

*Muntumbero yo kwishikira ku kivi, kugira abone ingene abamugariye ku rugamba babayeho mu birwati bitandukanye vyo mu gihugu, uwurongoye igisata kijejwe ukuremesha abasirikare n'imigendaranire mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Général de brigade Gaspard Baratuza yaragize urugendo rw'akazi ku magenekerezo ya 27 na 28 myandagaro 2025 mu kirwati c'abamugariye ku rugamba co ku Rukinga mu ntara ya Burunga. Ico kigwati kikaba kirimwo imiryango 13 y'abamugariye ku rugamba.*

Mu ntumbero yo gushigikira abahoze ku rugamba bagenda ubumuga bukomeye, ibigwati vyo kubamwo vyarubatswe mu bice



*Abamugariye ku rugamba barakenguruka uko Ubushikiranganji bwo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba buriko burabasahiriza*

bitandukanye vy'igihugu. Ubuyobozi bukuru bujejwe gukurikirana abahoze ku rugamba nabwonyene bukaba bwarashizweho mu bushikiranganji bwo kwivuna abansi no gukurikirana abahoze ku rugamba. Ubwo buyobozi bukaba bufise intumbero yo gushigikira abagendana ubumuga kubijanye n'amagara yabo, mu kubavuza canke kubaronsa ibikoresho bibafasha cane cane abatakaje ibihimba vy'umubiri. Aha twovuga nko kubaronsa insimburangingo, intebe bagenderamwo, inkoni n'ibindi. Ubwo buyobozi bukuru burabashigikira kandi mu bijanye no gutunganya ibikorwa vyo kwiteza imbere. Ni no muri iyo ntumbero nyene uwurongoye igisata kijejwe ukuremesha abasirikare n'imigendaranire mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Général de brigade Gaspard Baratuza yagize urugendo rw'akazi mu kirwati c'abamugariye ku rugamba co ku Rukinga mu ntara ya Burunga kugira baganire kubijanye n'ubuzima bwabo.

Muri urwo rugendo, Général de Brigade Gaspard Baratuza akaba yakiriwe n'abamugariye ku rugamba bo mu kigwati co ku Rukinga, aho babanje kumugenduza iryo tongo ry'igisirikare kugira yibonere aho rigarukira. Inyuma yo kuhagendura, yarafasha umwanya wo kuganira n'imiryango yabo. Ibibazo bikubikuru bafise, bikaba vyerekeye



*Abamugariye ku rugamba bararajwe ishinga no kuba badafise impapuro ndangamatongo ku matongo bahawe.*

ahanini kubijanye no kuvuzwa kuko bafise ubumuga bukomeye busaba ko bakurikiranwa neza, ibijanye n'imbibe z'ico kigwati babamwo kuko hariho abashaka kubavogera hamwe n'umutekano mu ngo zabo kuko hibonekeza ubusuma bwinshi muri ico kirwati mu gihe badashobora kubivuna. Abo bamugariye ku rugamba bagendana ubumuga bukomeye, bakaba basaba ubushikiranganji bwo kwivuna abansi no gukurikirana abahoze ku rugamba ko mugihe vyoshobokako hoba ukwumvikana hamwe n'ubushikiranganji bw'amagara y'abantu kugira bashore kwivuriza ku bitaro vyo mu karere baherereyemwo kugira boroherwe kwivuza. Ibindi bibazo bikaba vyerekeye kuronswa impapuro ndangatongo z'amazu babamwo, ibijanye n'agafashanyo gahabwa abamugaye hamwe n'agahabwa abakukuruke n'ibindi.

Urwo rugendo rw'akazi rukaba rwabaye akaryo keza k'uwurongoye igisata kijejwe ukuremesha abasirikare n'imigendaranire mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi, Général de brigade Gaspard Baratuza ko kwibonera ubuzima abamugariye ku rugamba babayemwo. Amenyeshako ubushikiranganji bwo kwivuna abansi no gukurikirana abahoze ku rugamba ataco budakora kugira ubuzima bw'abamugariye ku rugamba bubandanye kwisunura. Ati naho biri uko, intambamyi ntizibuze na cane cane ku bijanye no kwivuza kuko basanganywe amagara make. Akaba asaba ko abo bamugariye ku rugamba bobandanya bashigikirwa mu buryo bw ose.

**CAPT NTAKARUTIMANA RUTH**





# Un cadre de vie digne aux handicapés de guerre

*Dans le but de s'enquérir de la situation des handicapés de guerre vivant dans les différents sites, le Chef de service chargé du moral des militaires et des relations publiques (G9) à la FDNB, le Général de Brigade Gaspard Baratuza a effectué une visite de travail en dates du 27 au 28 août 2025 dans le site des handicapés de guerre de Rukinga en province de Burunga. Ce centre héberge treize familles des handicapés de guerre.*

En vue d'assister les handicapés de guerre vivant avec handicap sévère, des centres en leur profit ont été construits dans



*Les handicapés de guerre saluent l'accompagnement du MDNAC*

les différents coins du pays. Une Direction Générale des Anciens Combattants (DGAC) a été également mise en place au Ministère de la Défense Nationale et des Anciens Combattants (MDNAC). Cette direction coordonne les actions des différents intervenants au profit des anciens combattants et organise leur encadrement autour des activités génératrices de revenus. C'est dans ce cadre que le chef du service chargé du moral des militaires et des relations publiques, le Général de Brigade Gaspard Baratuza a effectué une descente dans le site de Rukinga en province de Burunga dans le but d'échanger sur les défis auxquels ils font face.

Lors de cette visite, le Général de Brigade Gaspard Baratuza a été accueilli par les handicapés du site de Rukinga, qui lui ont fait visiter les alentours du centre afin de constater lui-même la délimitation de cette



*Une des préoccupations des handicapés est la non possession des titres de propriété*

propriété militaire. Après la visite, il a pris le temps d'échanger avec leurs familles. Les questions qui ont été soulevées portent essentiellement sur les difficultés liées à leur prise en charge médicale, la délimitation du site et la sécurité suite aux cas de vol qui s'observent dans ce site. Ils ont demandé s'il pourrait y avoir une franche collaboration entre le MDNAC et les hôpitaux publics de leur district afin de faciliter leur prise en charge médicale. Des questions liées aux titres de propriété de leurs maisons, à la pension d'invalidité et à la pension de retraite ont été également soulevées.

La visite a permis au chef du service chargé du moral des militaires et des relations publiques de constater sur le terrain la vie que mènent les anciens combattants handicapés de guerre vivant dans le site Rukinga. Il a constaté que des efforts sont fournis par le MDNAC pour offrir un cadre de vie digne à ces handicapés de guerre. Néanmoins, des défis demeurent surtout en termes d'assistance médicale et matériel. Des actions de suivi s'avèrent nécessaires afin d'améliorer durablement leur prise en charge.

**CAPT NTAKARUTIMANA RUTH**

# La contribution des activités CIMIC aux opérations de paix

*Le 15e Contingent burundais de la Mission de Soutien et de Stabilisation de l'Union Africaine en Somalie (AUSSOM) a organisé des activités de coopération civilo-militaire (CIMIC) au profit de la population somalienne en vue de promouvoir la visibilité du contingent.*

Partout dans le monde, les activités CIMIC occupent une place importante pour bien mener les opérations de paix. C'est



*Les activités CIMIC contribuent aux opérations de paix*

dans cette perspective que le Contingent burundais organise souvent des activités de charité auprès des habitants somaliens afin de promouvoir les bonnes relations avec eux. Cela est bénéfique non seulement pour les militaires burundais mais également pour la Somalie.

Selon le Commandant du 15e Contingent burundais de l'AUSSOM le Colonel Oscar Hatungimana, les opérations de la paix se déroulent souvent dans des environnements hostiles. En plus de ces opérations de rétablissement de la paix, une interaction positive entre les militaires et la population locale est indispensable et permet de gagner la confiance et de réduire les tensions. Les activités civilo-militaires constituent un outil stratégique pour atteindre les objectifs de la mission.

Selon le Colonel Pierre Nzirorera chargé des activités CIMIC au sein du 15e Contingent burundais, le service est chargé de planifier, coordonner et exécuter les activités CIMIC dans le secteur de responsabilité au profit de la population somalienne.« Les relations civilo-militaires sont au bon fixe autour de nos positions. Les Al-shabaab ne cessent de mener des propagandes qui sèment la haine contre la Force de l'AUSSOM, mais le service CIMIC joue un rôle crucial dans le rayonnement et la visibilité du contingent burundais », a-t-il indiqué. Les activités CIMIC qui sont souvent organisées sont notamment la distribution de l'eau, l'assistance médicale et quelque fois l'assistance alimentaire.

La population somalienne bénéficiaire de ces activités CIMIC ainsi que les administratifs locaux témoignent que ces dernières sont très bénéfiques pour eux. « La présence des militaires burundais ici à Jowhar Airfield a été un ouf de soulagement pour nous; ils nous soignent gratuitement, nous offrent de la nourriture et de l'eau potable. Nous apprécions la contribution des militaires burundais dans la stabilisation de notre pays », ont-ils fait savoir.

Les principaux défis souvent rencontrés qui entravent les activités CIMIC sont notamment le retard d'appui des organisations humanitaires dans la mise en œuvre des



*La population somalienne est bénéficiaire des activités du CIMIC*

gushira mu ngiro imigambi yihutirwa mu karere ka Jowhar Air Field hamwe n'ibirere biguma bihindagurika.

**MAJ NGENZEBUHORO ALICE**





# Uruhara rw'ibikorwa vya CIMIC mu kubungabunga amahoro

*Ikontenja ya 15 y'Abarundi ya AUSSOM yaratunganije ibikorwa vyo gukomeza imigenderanire iri hagati y'abanyagihugu ba Somaliya n'abasirikare (CIMIC). Ivyo bikorwa bikaba bifitiye inyungu abo banyagihugu eka n'ingabo z'Uburundi kugira ngo zigire ishusho nziza mu gihugu bariko baranguriramwo ubutumwa bw'amahoro.*

Hirya no hino kw'isi, ibikorwa vya CIMIC birafise uruhara runini mu kurangura ibikorwa vyo



*Ibikorwa vy'igisata c'imigenderanire y'abasoda n'abenegihugu ni ntangere mu butumwa bwo kugarukana amahoro*

kubungabunga amahoro. Ivyo bikaba ari vyo bituma Ingabo z'Uburundi ziri mu butumwa bwo kubumbatira amahoro mu gihugu ca Somaliya zirangura ibikorwa vyo gufasha abanyagihugu ba Somaliya kugira ngo bakomeze imigenderanire iri hagati y'abasirikare nabo. Ivyo ntibifitiye akamaro ingabo z'Uburundi gusa ariko n'igihugu ca Somaliya.

Nk'uko bivugwa n'umukuru w'ikontenja ya 15 y'Uburundi ya AUSSOM, Koroneri Oscar Hatungimana, kenshi ibikorwa vyo kubungabunga amahoro bibera ahantu habaye ingorane nyinshi. Iruhande y'ivyo bikorwa vyo kubungabunga amahoro, ugukorana neza hagati y'igisirikare n'abanyagihugu ni ngombwa kandi birafasha kwubaka ukwizigirana no kugabanya ukutumvikana hagati yabo banyagihugu. Ibikorwa bijanye n'ugukomeza imigenderanire hagati y'abanyagihugu n'abasirikare bifise uruhara rukomeye kugira ngo abasirikare bari mu butumwa bashike ku ntumbero nyamukuru bajejwe.

Nk'uko bivugwa na Koroneri Nzirorera Pierre, uwurongoye igisata c'imigenderanire CIMIC mw'ikontenja ya 15 y'Uburundi, amenyesha ko ico gisata kijejwe gutunganya no gushira mu ngiro ibikorwa vya CIMIC mu karere karanguriramwo imirimo ikontenja. Yavuze ati: « Imigenderanire hagati



*Abenegihugu ba Somaliya barafashwa cane n'igisata c'imigenderanire y'abasirikare n'abenegihugu.*

y'abanyagihugu n'abasirikare muri rusangi yifashe neza. Al-Shabaab ntihengeshanya kubiba urwanko hagati y'abanyagihugu n'ingabo za AUSSOM ariko igisata ca CIMIC gifise uruhara runini mugukora ibikorwa bituma ingabo z'Uburundi zigira ishusho nziza". Ibikorwa ico gisata gisanzwe kirangura harimwo ugutanga amazi, ubuvuzi hamwe no kuronsa ibifungugwa ku banyagihugu bagizwe n'abana n'abageze mu zabukuru.

Abanyagihugu ba Somaliya baronkejwe iyo mfashanyo hamwe n'abajejwe intwaro baremeza ko izo mfashashanyo zifitiye akamaro kanini abazironswa. Abo banyagihugu ba Somaliya bati : « Kuba abasirikare b'abarundi bakorera mu karere ka Jowhar Air Field vyazanye ituze kuri twebwe ; baratuvura ku buntu, baraduha imfungugwa n'amazi meza yo kunywa. Turashima intererano y'abasirikare b'abarundi bari mu bikorwa vyo kugarukana amahoro mu gihugu cacu. »

Intambamyi nyamukuru zikunda kwibonekeza zigatuma ibikorwa vya CIMIC bidashigwa mu ngiro nk'uko biba vyarategekanijwe ni ugucerezwa kw'amashirahamwe mpuzamakungu ajejwe gufasha abanyagihugu bugarijwe n'inzara n'ibiza bitandukanye mu

projets à impact rapide dans le secteur ainsi que les conditions météorologiques.

**MAJ NGENZEBUHORO ALICE**

# Abakomando bashasha ijana na mirongo itanu nibo barangije inyigisho

*Abakomando bashasha bagera kw'ijana na mirongo itanu bo mu mugwi w'ijana na mirongo itatu n'umunani(138) nibo barangije inyigisho neza kw'igenekerezo rya 19 nyakanga 2025.Ibirori vy'uwo munsi vyabareye mw'ikambi y'amajana abiri na cumi na rimwe (211) y'abakomando isanzwe ariyo itwara ikigo kijejwe gutegura no kuramura abasirikare b'abakomando.*

Urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi( FDNB) rwama rushira imbere imyimenyerezo ku basirikare barwo kugira bashobore kwama



Abasirikare bigishijwe neza bagira igisirikare gikora bunyamwuga.

biteguriye urugamba. Ni muri iyo ntumbero ikigo kijejwe kwigisha no kuramura abakomando c'i Gitega cama cakira abasirikare barangije inyigisho z'ibanze mu bigo bitanga inyigisho z'intango.Mu rukukirane rw'imigwi muri ico kigo,umugwi w'ijana na mirongo itatu n'umunani (138 ) niwo uhejeje umwimenyerezo muri ico kigo. Ibirori vyo gutanga impapuro n'ibindi bimenyetso biranga umukomando vyatewe iteka n'uwurongoye umuce w'abasirikare barwanira hasi, Général-Major Niyiburana Jean-Claude.

Mw'ijambo ryiwe ry'uwo munsi, Général -Major Niyiburana Jean-Claude yabanje gukeza abo bakomando bashasha bahejeje uwo mwimenyerezo bo mu mugwi w'ijana na mirongo itatu n'umunani k'ukungene bashoboye kurangiza inyigisho mu buryo bushimishije. Yabibukije ko ivyigwa baronkejwe bidasanzwe hamwe n'ubuhinga bwo ku rwego ruhanitse, ko bobivyaza umusaruro mu kazi kabo ka minsi yose. Uwurongoye umuce w'abasirikare barwanira hasi yamenyesheje abo bakomando bashasha ko ikirwanisho gikomeye ari umusirikare yigishijwe neza kandi afise indero ya gisirikare.Ni naco gituma yaciye abatumirira kwama na ntaryo bubaha ababatwara ku nzego zitandukanye muri ivyo vyose bazobategeka ku nyungu z'igihugu muri rusangi n'iz'urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi mu buryo bw'umwihariko .



Iyo witeguwe neza ukora vyoroshe

Uwurongoye umuce w'abasirikare barwanira hasi yaboneyeho akaryo ko gukeza abigisha muri ico kigo kiramura abakomando ku nguvu zidasanzwe zishimishije kuko bitanga batiziganya kugira ngo ivyigwa vyose bitegekanijwe bishobore kugenda neza no mu bihe biba bigoye.

Uwurongoye idiviziyo ya kabiri ya gisirikare y'abasirikare barwanira hasi, Général de Brigade Ndenzako Michel nawe yarashimiye abarongoye urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi kuko atako batagira kugira ngo iyo mikangara ishobore kwigishwa neza. Nawe ubwiwe yarakeje iyo mikangara mishasha y'abakomando ku bukerebutsi n'ubwira berekanye mu gihe cose bamaze bariko barakora uwo mwimenyerezo .

Nayo uwurongoye ikambi y'amajana abiri na cumi na rimwe y'abakomando, ikigo kijejwe kwigisha abakomando gisanzwe gitwarwamwo ,Lieutenant-Colonel Niyongabo Jean-Claude yamenyesheje ko ico kigo cari cakiriye imikangara igera kw'ijana na mirongo icenda na bane (194) ariko ko bamwe batashoboye kubadanya uwo mwimenyerezo bivuye ku ngorane zitandukanye umwe wese yagiye aragira. Nawe nyene ntiyibagiye gushimira abigisha ku butwari berekanye mu kuramurira urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi abakomando rukeneye kugira ngo rushobore kurangura neza imirimo rujejwe.

Muri abo bakomando bashasha ijana na mirongo itanu barangije inyigisho z'igikomando harimwo abashika icumi na batatu(13) b'abigeme.

**Maj NININAHAZWE J-M-V**





# Cent cinquante nouveaux commandos brevetés

*Cent cinquante nouveaux commandos de la 138è session ont été brevetés le 19 septembre 2025.Les cérémonies se sont déroulées dans les enceintes du 211 bataillon commando qui héberge le centre d'entrainement commando à Gitega.*

La Force de Défense Nationale du Burundi (FDNB) place toujours en avant l'entrainement de ses militaires pour qu'ils puissent être plus opérationnels. C'est dans ce cadre que



Des militaires bien entraînés pour une armée professionnelle

le centre d'entrainement commando de Gitega accueille chaque fois des militaires ayant terminé la formation dans les centres d'instruction. Dans son ordre de succession, la 138è session des candidats commandos vient de terminer l'entrainement au sein dudit centre. Les cérémonies de remise des brevets à ces nouveaux commandos ont été honorées de sa présence par le commandant de la Force terrestre, le Général-Major Jean-Claude Niyiburana.

Dans son allocution de circonstance, le Général-Major Jean-Claude Niyiburana a d'abord félicité les nouveaux brevetés commandos de la 138è session pour avoir terminé la formation avec plein de succès. Il a souligné que la formation qu'ils ont suivie est une formation spéciale avec des techniques de haut niveau qu'il faudra rentabiliser dans leur carrière. Le Commandant de la Force terrestre a révélé à ces nouveaux commandos que l'arme la plus efficace est un militaire bien entrainé mais aussi discipliné. C'est pour cette raison qu'il les a invités à toujours respecter leurs chefs hiérarchiques dans tout ce qu'ils les commanderont pour l'intérêt de la nation en général et de la FDNB en particulier.

Le Général-Major Jean-Claude Niyiburana



Entraînement dur combat facile

n'a pas manqué de féliciter les instructeurs du centre d'entrainement commando pour leurs efforts combien louables car, ils se donnent corps et âmes afin que les programmes puissent se dérouler convenablement même dans des circonstances difficiles.

Le commandant de la deuxième division d'infanterie, le Général de Brigade Michel Ndenzako n'a pas manqué de remercier le commandement de la FDNB qui n'a ménagé aucun effort pour que ces candidats puissent être bien entraînés dans de bonnes conditions. Il a lui aussi félicité les nouveaux commandos pour le courage et la détermination qu'ils ont montrés durant toute la période de l'entrainement.

Le commandant du 211 bataillon qui héberge le centre d'entrainement commando, le Lieutenant-Colonel Jean-Claude Niyongabo a indiqué que le centre avait accueilli 194 candidats mais en cours d'entrainement certains n'ont pas pu continuer à cause des problèmes divers. Il n'a pas lui aussi manqué de remercier les instructeurs du centre d'entrainement commando pour leur bravoure en faisant sortir des commandos dont la FDNB a besoin pour accomplir pleinement ses missions.

Parmi les cent cinquante lauréats brevetés commandos figurent treize filles sur seize candidates qui avaient débuté l'entrainement.

**MAJ NININAHAZWE J. M VIANNEY**

# Abasirikare bagwanira mu mazi bariko bongererezwa ubumenyi

*Umushikiranganje w'ukwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba Marie Chantal Nijimbere yarakire mu biro iwe kw'igenekerezo rya 24 nyakanga umwaka w'i 2025 intumwa zo mw'ishirahamwe mpuzamakungu ONU zijejwe inyigisho n'ubushakashatsi UNITAR. Ibiganiro vyashimikiye kugushigikira inyigisho ku basirikare bagwanira mu mazi.*

Muntumbero yo guteza imbere ubushobozi n'ubuhinga inyigisho ku murwi w'abasirikare b'Uburundi



UNITAR irashima inyigisho zihabwa abasirikare barwanira mu mazi

bagwanira mu mazi, umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba Marie Chantal Nijimbere yarakiriye kw'igenekerezo rya 24 Nyakanga 2025, intumwa z'ishirahamwe mpuzamakungu UNITAR. Iryo shirahamwe mpuzamakungu rijejwe kwigisha no kwongereza ubumenyi ku bantu no ku nzego. Ibiganiro vyabo vyashimikiye ahanini ku nyigisho z'abasirikare bo mu murwi wabasirikare bagwawanira mu mazi. Umushikiranganji Nijimbere marie Chantal. Yarashimiye UNITAR ku mugmbi wabo wo gufasha ku basirikare bagwanira mu mazi.

Uwararongoye izo ntumwa umushingantahe Sascha Weh, yashimiye umushikiranganji ingene yabakiriye.

Yamereye umushikiranganji ko UNITAR itazohengeshanya na gato gushigikira ingabo z'Uburundi zigwanira mu mazi kugira ngo baronswe inyigisho zakanovera mu gihe gito gishoboka kuri abo basirikare, mu ntumbero yo kwongereza ubushobozi n'ubuhinga mu bikorwa vyabo.

Kw'izina ry'uwurongoye abasirikare bagwanira mu mazi, General de Brigade Bibonimana Venant igihe yakira izo ntumwa ku magenekerezo ya 22 na 23 Nyakanga 2025, yarashikirije ingene igisirikare kirwanira mu mazi gitunganijwe, intumbero yaco, ingorane



UNITAR yaremeye kubandanya ifasha ku nyigisho zihabwa abasirikare barwanira mu mazi

bakunda kugira hamwe n'imigambi ya kazoza bafise vyo guteza imbere uwo muce w'abasirikare. Yaranashimye kandi ibikorwa abo basirikare bakora mu kiyaga Tanganyika hamwe n'ishure ridasanzwe ryigisha umuce w'abasirikare bagwanira mu mazi. General de Brigade Bibonimana Venant yarashimiye cane izo ntumwa ku mugambi wo gufasha umuce w'abasirikare barwanira mu mazi mu bijanye no kubakarihiriza ubwenge no kwongereza ubushobozi no guteza imbere ubuhinga bw'akazi kuri uwo muce.

Muri urwo rugendo rw'iminsi ibiri rwabereye aho uwo muce wabasirikare barwanira mu mazi ukorera, izontuma zararonse akaryo ko kurabira hamwe ukwo ibikorwa vy'abasirikare barwanira mu mazi vyifashe, gutanga inyigisho zo gukomeza ubumenyi bw'abasirikare barwanira mu mazi imbere yuko umwaka wa 2025 urangira.

UNITAR ifasha cane cane ibihugu biri mu nzira y'amajambere gukomeza ubuhinga bwavyo kugirango bishobore gukora neza imirimo yo kubungabunga amahoro ku rwego mpuzamakungu no ku rwego rw 'akarere.

**MAJ NDAYISABA ROGER**





# L'amélioration des compétences de la force de la Marine est en vue

*La Ministre de la Défense Nationale et des Anciens Combattants Marie Chantal Nijimbere a reçu en audience en date du 24 septembre 2025, une délégation de l'Institut des Nations Unies pour la Formation et la Recherche (UNITAR). Leurs discussions se sont focalisées sur l'appui de cet organe dans le domaine de la formation maritime.*

Dans l'optique de renforcer les compétences et les capacités opérationnelles des membres de la Force de la Marine burundaise, la



Le MDNAC compte améliorer les qualités des préstations de la force marine

Ministre de la Défense Nationale et des Anciens Combattants, Marie Chantal Nijimbere a accueilli en date du 24 septembre 2025 une délégation de l'UNITAR. Cet organe des Nations Unies est chargé de former et de renforcer les capacités des individus et des institutions. Leurs échanges ont principalement porté sur la formation des militaires de la Force Maritime. La Ministre Marie Chantal Nijimbere a salué l'UNITAR pour son projet d'appui à la Marine burundaise.

Le Chef de la délégation Sascha Weh a quant à lui remercié la Ministre pour l'hospitalité qui leur a été réservée. Il a promis que l'UNITAR ne ménagera aucun effort pour soutenir la Force de la marine burundaise pour qu'une formation de qualité à l'intention de ses membres puisse être donnée dans les meilleurs délais pour améliorer ses prestations.

Au nom du commandement de la Force de la Marine, le Général de Brigade Bibonimana Venant lors de l'accueil de cette délégation en dates



L'UNITAR promet de contribuer à la formation des forces marines burundaises

du 22 au 23 septembre 2025 a présenté l'organigramme de cette composante, la mission, les défis ainsi que les perspectives d'avenir de cette dernière. Il a aussi profité de l'occasion pour les faire visiter les engins et les équipements flottants dont dispose cette composante dans le Lac Tanganyika ainsi que l'Ecole de Spécialisation de la Marine. Le Général de Brigade Bibonimana Venant a remercié vivement la délégation pour le projet de soutenir la force de la Marine en ce qui concerne le renforcement des capacités et l'amélioration des qualités de prestations de la force maritime.

Au cours de cette visite de deux jours dans la composante de la Marine, la délégation a eu l'occasion de se rendre compte de l'état de lieux de la marine burundaise et a promis une formation de renforcement des capacités de son personnel avant la fin de l'année 2025.

UNITAR aide surtout les pays en voie de développement à renforcer leurs compétences pour mieux participer aux missions de paix internationales et régionales.

**MAJOR ROGER NDAYISABA**

# Ikigo cigisha abahinga basimba bava mu ndege casubiye kwugurura

*Abasirikare mirongo itatu na babiri bo mu mugwi w'ijana na mirongo ibiri na gatandatu (126)nibo barangije inyigisho z'abapara muri ico kigo cigisha kikongera kikaramura abapara.Ibirori bisozera izo nyigisho bikaba vyari vyatewe iteka n'uwurongoye umuce w'abasirikare barwanira hasi,Général-Major Niyiburana Jean-Claude.*

Inyuma y'uguhagarika inyigisho kuva mu mwaka w'ibihumbi bibiri na kabiri(2002) bivuye ku bihe vy'intambara igihugu carimwo,ikigo kimenyereza abahinga b'abapara carasubiye kwugurura imiryango gihereye ku mugwi w'ijana na mirongo ibiri na gatandatu y'imikangara itegurirwa kuba abapara.Ico kigo gisanzwe ari kimwe mu rwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ,catanguye mu mwaka w'igihumbi kimwe n'amajana icenda na mirongo irindwi na kabiri(1972) aho catanguranye n'abigisha b'abafaransa bita abakopera.Ico kigo cakira imikangara y'abasirikare barangije umwimenyerezo w'abakomando kugira basohore umusirikare w'umuparakomando. Ibirori vyo kwambikwa ibimenyetso vy'abapara n'impapuro zemeza ko barangije inyigisho vyatewe iteka n'uwurongoye umuce w'abasirikare barwanira hasi ,Général-Major Niyiburana Jean-Claude.



Inyigisho ku bahinga basimba bava mu ndege zibashikana kuba abanyamwuga babushitse

Mw'ijambo ryiwe, Général-Major Niyiburana yamenyesheje ko yanezerejwe cane n'ingene izo nyigisho zahawe iyo mikangara yarihejeje kuba abapara zagenze. Kubwiwe ngo ivyo vyagaragariye ku nkuro bagiye barasimba bimenyereza i Gihungwe kuko yashoboye kubakurikirana akatari gake.Uwurongoye umuce w'abasirikare barwanira hasi yarakeje cane abigisha bo muri ico kigo ku buhinga berekanye mu gusimba mu ndege, ku munsi w'ukurangiza izo nyigisho aho bose basimbiye ahategekanijwe , imbere y'abantu benshi baje kwirabira ivyo birori vyo kurangiza izo nyigisho.Yaciye ahamagarira abo bapara bashasha kwama bitwararika imyimenyerezo ,kuko ngo muri bo niho abarongoye urwego rw'ukwivuna abansi rw'uburundi bazotora abazobandanya mu mahanga ,izindi nyigisho zihanitse nko gusimba mu ndege iri ku metero ibihumbi icumi vy'uburebure(10.000m).Général-major Niyiburana Jean-Claude yaboneyeho



Inyigisho ku bahinga bakoroka bava mu ndege zasubiriye gutangwa.

akanya ko kumenyesha ko urwego FDNB ruhejeje kwunguka abasirikare b'ubuhinga budasanzwe,urwo rwego rushobora gutuma mu bikorwa bihambaye naho ata mabarabara yoba ahari , bagashika basimba bava mu ndege mu buryo bunyaruka bagaca bivuna umwansi.Yarangije ijambo ryiwe amenyesha ko umugwi ukurikira uzoba ugizwe n'imikangara myinshi gusumba abo bari bahejeje inyigisho.

Uwurongoye ikambi ya 121 y'abapara ikigo cigisha abapara gisanzwe gikukira ,Lieutenant-Colonel Barumbanze Aloys , ko ico kigo cari cakiriye imikangara mirongo ine ariko ko abashika umunani ntibashoboye kubandanya umwimenyerezo biturutse ku ngwara. Muri mirongo itatu na babiri(32) bashoboye kubandanya,batanu(5) muri bo ni intwazangabo, ,ibisongerezi icumi na bitatu (13)hamwe n'abasoda bato bato icumi na bane(14).Lieutenant-Colonel Barumbanze Aloys yarakeje abapara bashasha ku bukerebutsi n'ishaka berekanye mu kiringo cose bamaze muri uwo mwimenyerezo.Yarashimiye cane abarongoye urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ku kungene bafashije mu buryo butandukanye ico kigo kugira izo nyigisho zitangwe kandi ziranguke neza ,inyuma y'imyaka mirongo ibiri n'itatu (23) carahagaritse ivyigwa.

"Naho ico kigo cari carahagaritse inyigisho ,abarongoye urwego rw'ukwivuna abansi rw'Uburundi ntibahengeshanije kurungika kuva mu mwaka w'ibihumbi bibiri na cumi na kabiri(2012),imikangara ija gukarisha ubwenge hanze y'igihugu ,haba mu gihugu ca Egiputa no mu gihugu c'Ubushinwa",nk'uko bimenyeshwa n'uwurongoye ico kigo ,Major Nsengiyumva Jean-Bosco.

**MAJ NININAHAZWE J-M VIANNEY**





# Reprise de la formation au centre d'entrainement des parachutistes

*Trente-deux nouveaux parachutistes de la 126è session ont été brevetés au centre d'entrainement des parachutistes. Les cérémonies de clôture ont été honorées par le commandant de la Force terrestre, le Général - Major Niyiburana Jean-Claude.*

Après avoir interrompu sa formation depuis 2002 suite à la crise qui secouait le pays, le centre d'entrainement parachitiste a réouvert ses portes avec l'entrainement de la 126è session des candidats parachutistes. Ce centre qui est jusqu'à présent unique à la Force de défense nationale du Burundi a été créé en 1972 avec des coopérants français comme instructeurs. Il accueille des candidats ayant obtenu le brevet commando pour faire sortir par après un militaire para-commando. Les cérémonies de remise de brevets pour ces jeunes nouveaux parachutistes ont été honorées de sa présence par le commandant de la Force terrestre, Général-Major Niyiburana Jean-Claude.



La formation des parachutistes pour une armée professionnelle

Dans son allocution, le Général-Major a indiqué qu'il a été très satisfait du bon déroulement de la formation dispensée à l'endroit de ces candidats qui venaient d'être brevetés parachutistes. Selon lui, cela se remarque à travers les différents sauts d'entrainement à Gihungwe qu'il a pu assister à maintes fois. Le Commandant de la Force terrestre a félicité les instructeurs du centre pour leur technicité qu'ils ont même montré à travers un saut de démonstration et tout le monde a atterri au lieu indiqué, sous les applaudissements d'un public venu pour participer aux cérémonies de clôture. Il a invité les nouveaux brevetés de toujours continuer les entrainements car c'est parmi eux que le commandement va choisir ceux qui iront poursuivre d'autres formations spécialisées à l'étranger comme celle des chuteurs libres par exemple pouvant descendre de l'avion se trouvant à 10.000 m d'altitude. Le Général-Major Niyiburana Jean Claude n'a pas manqué de signaler que la FDNB



La reprise de la formation parachutiste

vient de se doter d'un personnel bien entraîné pouvant effectuer des missions spéciales même à l'absence des routes ou s'il s'agit d'une intervention rapide nécessitant le débarquement par avion sur le théâtre des opérations. Il a terminé son propos en promettant que la session suivante sera constituée par un grand nombre de candidats par rapport à la précédente.

Le commandant du 121è bataillon des parachutistes où le centre para est administré, le Lieutenant-Colonel Barumbanze Aloys a fait savoir que le centre avait accueilli au début de la formation quarante candidats, mais huit n'ont pas pu continuer la formation suite à leur état de santé. Parmi les trente-deux qui ont pu terminer l'entrainement des parachutistes, cinq sont des officiers, treize sous-officiers et quatorze militaires de rang, a-t-il ajouté.

Le Lieutenant-Colonel Barumbanze a félicité les nouveaux brevetés pour le courage et la détermination qu'ils ont dû montrer pendant toute la période d'entrainement. Il a profité de cette occasion pour remercier le haut commandement de la FDNB pour son appui multiforme à l'endroit de ce centre pour que la formation puisse se dérouler et soit couronnée de succès après vingt-trois ans d'interruption au pays.

Malgré l'interruption de la formation, le haut commandement de la FDNB n'a pas cessé d'envoyer depuis 2012 des stagiaires en parachutisme à l'étranger, que ça soit en chine et en Egypte comme l'a fait savoir le commandant de ce centre Major Nsengiyumva Désiré.

**MAJ NININAHAZWE J. M VIANNEY**

Habaye umupatiri yariko ahereza inkuka y'imisa. Uwo mu patiri akaba yarafise ubwanwa bwera burebure yanabusokoje. Hanyuma ariko arasigura hari umukenyezi yari yaje gusenga. Uwo mukenyezi rero ararira yihanaguza igitenge yari yambaye kirateba kiratota. Umupatiri aramwitegereza yibaza ati yakozweko n'inyigisho yariko arasigura, ariko aratinya kumubaza ikimuriza. Inkuka y'imisa irangiye harya abakiristo basohotse, Patiri aca arahamagara wa mukenyezi yamye ararira mu nkuka y'imisa kugira amubaze icamukozeko, catumye arira gushika naho igitenge yari yambaye gitota kuko yaguma acihanaguza. Wa mukenyezi aca abwira patiri ati : « Icatumye ndira ga pati si ikindi, nagumye nihweza ubwo bwanwa bwawe nca nibuka ubwanwa bw'isuguru yanje y'impene baraye banyivye ». Patiri ntaco yasubijeyo, wa mukenyezi aca aritahira.

2. Umunsi umwe umukobwa umwe yahamagawe kuri terefone yiwe na numero atazi aca aritaba. Nya muntu ati : « Ni sawa, urakomeye ? ». Umukobwa ati: « Ego ndakomeye ». Wa muntu ati : « Ntakibazo ufise vyose bigenda neza ? » Nawe ati :« Ego ntakibazo. » Wa muntu arabandanya ati : « Urafise umuhungu mukundanye ? » Ari uwundi nawe ati : « Ego arahari. » Nya muntu ati : « Sawa, yari so wawe muvugana, niwataha uransigurira neza ivyar'ivyo, niho mbona wakomeje ubusutwa usigaye utaha ijoro ! ». Aca arakupa telefone. Haciye amasaha atatu, umukobwa yongera kubona terefone nshasha imuhamagaye yanka kwitaba. Irakomeza ihamagara arateba aritaba. « Allooo, urakomeye ? Ni sawa ntakibazo ? » Yongera nkuwambere ati : « Urafise uwo mukundanye ? » Umukobwa n'ishavu n'akantu ati : « Oya ntawe kandi ntawe nshaka ndavyanka cane !!! ». Wamuntu ati : « Sawa ntakundi yari cheri wawe ! » Wa mukobwa ati : « Yoooh, cheri wanje sorry nukuri, mbabarira ndagukunda, nagira ni rwa papa rwongeye kuntesha umutwe nukuri mbabarira, rwa papa ndagwanka sana !!». Uwundi asubizayo ati : « Ego rwa Papa uragwanka, rero ndi so wawe umenye iyo utaha ntuntahire mu rugo !! » Wa mukobwa aca arakupa terefone arata ubwenge.

Impanuro :

Mu kwitaba telephone umuntu yokwitabana urupfasoni, yaba muto canke mukuru kuko hari igihe utamenya uwuba aguhamagaye.

**3. Umusore w'ikijuju**

Habaye umusore umwe yari mwiza cane, nubwo yari mwiza yari akenye, yari yarabuze umugore bubakana. Umunsi umwe niho yitora ngo agomba kuja kubaza Imana igituma yamugize mwiza cane ariko ikamwima umugore n'amafaranga n'ibindi vyiza.

Araheza aratora umunsi aragenda, ageze mu nzira ahura n'umukobwa mwiza cane, aramwiganira ivyamubayeko n'iyo agiye. Nya mukobwa ngo avyumve ati : « Ahubwo ndatomboye nanje urazombariza Imana igituma naje yangize mwiza ariko ikanyima umugabo n'amafaranga ». Umusore aravyemera ko azomubariza. Uwo musore arakomeza urugendo aca iruhande y'igiti cumye kandi kiri hejuru y'uruzi, aza yumva ijwi ribwira wa musore riti : « Urambariza nanje ku Mana igituma yanshize hejuru y'amazi ariko nkaba numye kandi amazi aca munsi yanje ». Umusore ati : « Sawa nzokubariza ». Umusore arabandanya urugendo, ageze imbere ahura n'intambwe iriko iritemberera. Naho nyene aza yumva ijwi ribwira wa musore riti : « Jewe ndi intambwe, urazombariza ku Mana igituma ndi igikoko gikomeye mw'ishamba ariko nkaba nishwe n'inzara ». Wa musore ati : « Sawa nzokubariza ».

Umusore arabandanya urugendo, haragera aho yumva arushe aca aricara. Niho yumva ijwi rimubwira riti: « Vuga ibikugenza, Imana yawe iraguteze amatwi». Wa musore aca arigana ivyiwe vyose n'ivyo yatumwe. Imana ica iramwishura iti: «Genda mu nzira ubwire wa mukobwa mwahura uti, umugabo muzohura irya mbere ukamugomwa uraca ucakira azoba ar'uwo nyene». Yongera imubwira iti: « Genda ubwire kirya giti uti aho munsi yawe hariyo amabuye meza y'agaciro (Inzahabu), umuntu wa mbere uzobona irya mbere uzoce umubwira ayakureyo nawe uzoca ututahara». Imana yongera imubwira iti: «Subira mw'ishamba ubwire ya ntambwe uti umuntu w'ikijuju wa mbere muzohura uzoce umurya azoba ar'uwo nyene». Wa musore ati: «sawa».

Wa musore aca arasubira inyuma asubira guhura na wa mukobwa mwiza, aca amubwira ati: « Imana yambwiye ko umuhungu wa mbere muzohura ukamushima uzoce umugumya azoba ar'uwo nyene mugabo wawe». Wa mukobwa aritegereza wa muhungu ati: « ntawundi nkeneye umugabo wanje ni wewe ahubwo tugire ubukwe». Wa muhungu aramwishura ati: « Vanaho ubwo busutwa, genda urondere abandi jewe ndacafise inyishu zibiri ntaratanga». Wa musore arabandanya arashika hamwe hari ca giti arakibwira ati: « Aho mu mizi yawe hariyo amabuye y'agaciro (Inzahabu) umuntu wa mbere uzobona uzoce umubwira ayakureyo nawe uzoca ututahara». Ca giti kiti: «Ntawundi muntu araca ngaha atari wewe, kandi naragutumye uragamburuka, mpisemwo wewe ntawundi nkeneye». Wa musore ati: «Sigaho sigaho wa giti we, ndacafise inyishu imwe ntaratanga, rondera uwundi ubwira».

Wa musore arakomeza urugendo rwiwe maze aca ahura na ya ntambwe ayibwira uko Imana yamubwiye ati: « Umuntu wa mbere w'ikijuju muzohura uzoce umurya,azoba aruwo nyene». Ya ntambwe ica iruruhutsa iti: «Ahwuiii !!». Ica ibwira wa musore iti: « Ubushize warancitse, uyu munsi hoho ntuncika; ica iramurya». Umusore w'ikijuju aba arasezeye isi.

**Impanuro :**

Imana itanga iciye mu nzira nyishi. Raba rero nawe ntuhave utakaza amahirwe yawe nk'uyo musore.





Un jour, un accident s'est produit et il y avait onze blessés et douze morts. Le ministre de la santé publique promet à chaque blessé cent mille francs pour se faire soigner et quinze millions pour chaque famille qui a perdu et aussi pour l'enterrement de chaque mort. Soudain, Samandari, un des blessés se lève pour aller se coucher parmi les morts. Inarunyonga, couchée parmi les morts lui dit : « Mon frère, retourne à ta place, on nous a comptés ».

2. Dans un supermarché, deux gars se choquent frontalement avec leurs caddies. L'un des deux réclames :

- Hein, vous ne pouvez pas faire attention ?
- L'autre lui répond : excusez-moi, je ne vous ai pas vu, je cherchais ma femme.
- Tiens ! Quelle coïncidence, moi aussi je cherche la mienne ! Et elle est comment votre femme ?
- Eh bien, elle est grande, brune, les yeux d'un bleu très profond, des jambes extrêmement bien faites, une poitrine généreuse, des lèvres charnues, Elle porte une chemise transparente. Et la vôtre, comment est-elle ?
- Oh, laissez tomber ! Allons chercher la vôtre !

3. Un petit garçon rentre de l'Ecole en pleurant. Sa mère mène une conversation avec lui et lui demande :

- Mère : qu'est- ce qu'il y a mon chéri ?
- Le garçon : « J'ai eu un zéro en géographie »
- Mère : Pourquoi ?
- Garçon : « Je ne savais pas où était le Portugal »
- Mère Tu ne sais pas ? Passe-moi la carte de la France !»
- Et la mère cherche, cherche

« Bon Dieu, Elle n'est pas assez précise, passe-moi la carte de la région !

- Et la mère cherche, cherche
- Mère : Elle est nulle cette carte, passe-moi la carte du département » !
- Mère : « Bon, ça ne peut pas être si loin le Portugal, la femme de ménage est portugaise, et elle vient travailler tous les jours à vélo.

**4. Je suis trop poli pour ne pas l'interrompre**

Une femme désirant le divorce, se plaint auprès du juge, de mauvais caractère de son mari

- Le juge dit au mari : « Votre épouse prétend que vous ne lui avez plus adressé la parole depuis des années » ?
- Et le mari de répondre : « C'est vrai Monsieur le juge »
- Et le juge lui demande pourquoi ?
- Et le mari de répondre, Parce que je suis trop poli pour ne pas l'interrompre.

5. Je ne sais pas, je suis encore en train de payer

Un garçon demande à son père : « Papa combien ça coute pour se marier

Et le père de répondre : je ne sais pas, je suis encore en train de payer